	we	you,---!
	-tégeera (-tégeereye)	to wait
10C	Yohaáni we, utegeerey$_{e}$ ikí?	Hey John, what are you waiting for?
11D	Ntegerey$_{e}$ umudúga wó kuj$_{a}$ i Gitéga.	I'm waiting for a car to go to Gitega.
	-roreera (-rorereye/ -roreereye)	to wait
	mugábo	but
	-há (h→ p after m)	to give
	amafaraánga/amafaraanga	money, francs
12C	Roreera ndakujaana, mugáb$_{o}$ uraámp$_{a}$ amafaraanga. (or:... urámp$_{a}$...)	Wait, I'll take you, but you'll pay me (money).
	-va (-vuuye)	to go from
13D	Kuva háno kugerǎyo ´n$_{i}$ aangáahé?	How much is it from here to (get) there?
14C	´Si meénshi, ´ni miroong$_{o}$ itaanu gusa.	It's not much. It's just 50 [F].

15D	Mbég$_{a}$ ubon$_{a}$ ar$_{\acute{i}}$ urugeendo ruungǎna gúte?	How much of a trip do you think it is?
	ikilomeetéro (7, 8)	kilometer
	ijana (5, 6)	hundred
16C	ˊHar$_{i}$ ibilomeetéro haáf$_{i}$ ijana na cúmi n$_{a}$ índwi.	It's close to 117 kilometers.
	-híta (-híse)	to take, bring in passing
17D	Uráb$_{a}$ umpítana.	You'll be picking me up.

3.

18E	Nshaaka kuj$_{a}$ i Kigári. Umuunt$_{u}$ agerǎyo gúte?	I want to go to Kigali. How does a person get there?
19F	Har$_{i}$ inzira zitatu zó kuhaja.	There are three ways [of] to go there.
20E	N$_{i}$ iziíhe?	What ('which') are they?
	ˊcaanké	or
	ikamyo (9, 10 or 6)	truck
	indeége (9, 10)	airplane
21F	Ushobora kugeenda n$_{a}$ íkamyo, ˊcaanké tagisi, ˊcaank$_{\acute{e}}$ indeége.	You can go by ('with') truck, or taxi, or plane.

	umwaánya (3, 4)	period of time
22E	Umuunt$_u$ amar$_a$ umwaány$_a$ ungana gúte muu nzira?	How long ('a period of time which equals what') does a person spend en route?
23F	N$_a$ íkamyo n$_i$ amasǎha haáf$_i$ umunaáni.	By truck it is about 8 hours.
24F	Na tàgisi, ´ni haáf$_i$ amasah$_{á}$ ataanu.	By taxi it is about 5 hours.
	umunóta (3, 4) or: umunǔta	minute
25F	N$_a$ índeége n$_i$ iminǒta haáfi miroongw$_o$ ibiri n$_a$ iítaanu.	By plane it is about 25 minutes.
26E	Urakóze.	Thank you!
27F	Uzoogeenda ryáarí?	When are you going to leave?
28E	Nzoogeenda hǐrya y$_a$ eéjo.	I'm going the day after tomorrow. ('the other side of tomorrow')
29F	Uzoomar$_a$ igihe kiingan$_{á}$ ik$_{í}$ i Kigáli?	How long will you be gone? ('How much time will you spend en route?')
30E	Nzoomara nk$_a$ úukwéezi.	I'm going to spend about a month.

1. A note on the non-immediate future tense.

This unit contains several examples of a future tense:

Uzooteembeerera héehé?	Where are you going to travel?
Uzoojaana naánde?	With whom will you go?

The formal representation of this tense is by means of the prefix /-zoo-/ and an appropriate tonal pattern on the stem. In the affirmative indicative, that tonal pattern is the low one: all syllables of the stem have low tone. In the other moods, and in the negative indicative, the stem has high tone on the root syllable.

The meaning of the /-zoo-/ tense is 'non-immediate future.' In general, this tense is not used for a future earlier than tomorrow, but under some circumstances it may be used where the meaning is clearly future today. An example is found in Dialogue 11, Stc. 19:

Uzooba ushítsěho.	You'll have arrived there.

The tense prefix /-zoo-/ may be thought of as having a basic high tone except in the affirmative indicative, but this high tone is not realized after another high tone:

	Ńtituzóogufásha	We won't help you.
	Ńtazóogufásha	He won't help you.
but...	...ńtazoogufásha.	...he won't help you.

If as in the last of these examples, the 'provisional' high tone (Unit 1, Note 8) of /nta/ is pronounced high, the high tone of /-zoo-/ is not pronounced. [For practice, see Exercises 1-4 and 7-9.]

Exercise 1. Infinitive vs. future, 1 sg. affirmative.

gutéembeera	Nshaaka gutéembeera.	Nzooteembeera mur$_{\acute{i}}$ iyi miísi.
kuduuga	Nshaaka kuduuga.	Nzooduuga mur$_{\acute{i}}$ iyi miísi.
gushika	Nshaaka gushikǎyo.	Nzooshikayó mur$_{\acute{i}}$ iyi miísi.
guhiindukira	Nshaaka guhiindukira.	Nzoohiindukira mur$_{\acute{i}}$ iyi miísi.

Exercise 2. Infinitive vs. future, 3 pl. affirmative.

gufásha	Bashaaka kugúfasha.	Bazoogufash$_{a}$ ějo.
gufáta	Bashaaka gufát$_{a}$ amafaraanga meénshi.	Bazooyafat$_{a}$ ějo.
kurora	Bashaaka kurorǎhe?	Bazoororáh$_{e}$ ějo.
kubóna	Bashaaka kutúbona.	Bazootubon$_{a}$ ějo.
kujaana	Bashaaka kutujaana.	Bazootujaan$_{a}$ ějo.

Exercise 3. Infinitive vs. future, 3 sg. negative.

'He wants to travel, but he won't travel in the next few days.'

gutéembeera	Ashaaka gutéembeera, aríko ´ntazootéembeera mur$_{\acute{i}}$ iyi miísi.
kuduuga/ kudúuga	Ashaaka kuduuga, aríko ´ntazoodúuga mur$_{\acute{i}}$ iyi miísi.

kwíiga	Ashaaka kwíiga, aríko ´ntazookwíiga... ´ntaziíga...
guhiindukira	Ashaaka guhiindukira, aríko ´ntazoohíindukira...

Exercise 4. Infinitive vs. future, 1 pl. negative.

'We want to help you...'

Dushaaka kugúfasha, aríko ´ntituzóogufásha mur$_{í}$ iyi miísi.

Dushaaka kukujaana, aríko ´ntituzóokujáana...

Dushaaka kuduuga, aríko ´ntituzóodúuga...

Dushaaka kukúbona, aríko ´ntituzóokubóna...

Exercise 5. Verbs after /-roreera/ 'to wait'

	'Wait and I'll be back.'
kuroreera	Roreera ndagaruka.
umwiígiisha	Roreer$_a$ umwiígiish$_a$ aragaruka.
kugúfasha	Roreer$_a$ umwiígiish$_a$ aragúfasha.
shóobuja	Roreera shóobuj$_a$ aragúfasha.
kwéereka ubŭryo	Roreera shóobuj$_a$ arakwéerek$_a$ ubŭryo.
abaándi	Roreer$_a$ abaándi barakwéerek$_a$ ubŭryo.

Exercise 6. Longer sentences after /roreera/.

jeewé	Roreera ndakujaana mugáb$_o$ uraámp$_a$ amafaraanga.
bó	Roreera barakujaana, mugáb$_o$ urabáh$_a$ amafaraanga.
tweebwé	Roreera turakujaana, mugáb$_o$ uradúh$_a$ amafaraanga.
umushófeéri	Roreera arakujaana, mugáb$_o$ uramúh$_a$ amafaraanga.

Exercise 7. The /-zoo-/ tense: indicative negative with various kinds of subject prefixes, and relative affirmative.

'You won't help him.'
'The boss won't help him.'
'Others won't help him.'
'Who will help him?'

kumúfasha	´Ntuzóomufásha.
	Shóobuja ´ntazóomufásha.[1]
	Abaándi ´ntibazóomufásha.
	Niind´$_e$ azóomufásha?
gufáta urugeendo	´Ntuzóofát$_a$ urugeendo.
	Shóobuja ´ntazóofát$_a$ urugeendo.
	Abaándi ´ntibazóorufáta.
	Niind´$_e$ azóorufata?
kwíiga	´Ntúziíga.
	Shóobuja ´ntàziíga.
	Abaándi ´ntibaziíga.
	Niind´$_e$ aziíga?

[1] Remember that if the provisional high tone is pronounced on /nta-/, then /-zoo-/ has low tone. (Unit 1 , Note 8).

gukúrikira iri barabara	´Ntuzóokúrikir$_a$ iri barabara.
	Shóobuja ´ntazóorikúrikira.
	Abaándi ´ntibazóorikúrikira.
	Niind´$_e$ azóorikúrikira?
kuzímira	´Ntuzóozímira.
	Shóobuja ´ntazóozímira.
	Abaándi ´ntibazóozímira.
	Niind´$_e$ azóozímira?
gutáangura	´Ntuzóotáangur$_a$ ějo.
	Shóobuja ´ntazóotáangur$_a$ ějo.
	Abaándi ´ntibazóotáangur$_a$ ějo.
	Niind´$_e$ azóotáangur$_a$ ějo?
kuja kw iisǒko	´Ntuzóojá kw iisǒko.
	Shóobuja ´ntazóojáyo.
	Abaándi ´ntibazóojáyo.
	Niind´$_e$ azóojáyo?

Exercise 8. Pairs of short sentences combined into a single longer sentence.

Uzooja mu buráaruuko?

Uzooja mu bumanuko?

Uzooja mu buráaruuko ´caanké mu bumanuko?

'Will you go north, or south?'

Dushobora kugeenda n$_a$ úmudúga.

Dushobora kugeenda n$_a$ íkamyo.

Dushobora kugeenda n$_a$ úmudúga ´caanké n$_a$ íkamyo.

'We can go by car, or by truck.'

Ukuund$_a$ inzira ngúfi?

Ukuund$_a$ inzira ya kùre?

Ukuund$_a$ inzira ngúfi ´caank$_e$´ iya kure?

'Do you like the short road, or the long one?'

Azoomar$_a$ umwaánya muníni muu nzira?

Azoomar$_a$ umwaánya mutó muu nzira?

Azoomar$_a$ umwaánya muníni ´caanké mutó muu nzira?

'Will he be a long time, or a short time, on the way?'

Murámwaawe ´n$_i$ umusóre?

Murámwaawe ´n$_i$ umugabo?

Murámwaawe ´n$_i$ umusóre ´caanké ´n$_i$ umugabo?

'Is your wife's brother a bachelor, or a [married] man?'

Exercise 9. Time expressions after /nka-´/ 'about'.

' I'll spend about two months on the road.'

	Nzoomara nk$_a$ úukwéezi muu nzira.
kabiri	Nzoomara nk$_a$ áaméezi abiri muu nzira.
umwáaka	Nzoomara nk$_a$ íimyáak$_a$ ibiri muu nzira.

rimwé	Nzoomara nk$_a$ úumwáaka muu nzira.
iyiínga	Nzoomara nk$_a$ íiyiínga muu nzira.
gatatu	Nzoomara nk$_a$ ámayiíng$_a$ atatu muu nzira.
umuúsi	Nzoomara nk$_a$ ímiís$_i$ itatu muu nzira.
rimwé	Nzoomara nk$_a$ úmuúsi muu nzira.
isǎha	Nzoomara nk$_a$ ísahá muu nzira.
gataanu	Nzoomara nk$_a$ ámasah$_{\acute{a}}$ ataanu muu nzira.

Exercise 10. Concords with /-ó/ before an infinitive.

Umuuntu yuubak$_a$ inzu gúte?	How does a man build a house?
Har$_i$ uburyó bwiínshi bwó kwuúbak$_a$ inzu.	There are many ways to build a house.
Uráaz$_i$ uburyó bwiizá bwó kwuúbaka?	Do you know the best ('a good') way to build a house?
Kuv$_a$ ah$_a$ umuunt$_u$ ashika ku bitaro gúte?	From here how does a man get to the hospital?
Har$_i$ inzira nyiínshi zó kuhashika.	There are many ways to get there.
Uráaz$_i$ inzira ngúfi yó kuhashika?	Do you know the shortest road to get there?

Umuunt$_{u}$ amesuur$_{a}$ impuúzu gúte?	How does one wash clothes?
Har$_{i}$ uburyó bwiínshi bwó kumesuura.	There are many ways to wash clothes.
Uráaz$_{i}$ uburyó bwiizá bwó kumesuura?	Do you know the best way of washing clothes?

Exercise 11. Distance and time of travel. [Students' books should be open to the map (p.63).]

'How many kilometers is it from Bujumbura to Gitega?'

'It's almost 120 km.'

'How long does it take to get there?'

'Three hours.'

Kuv$_{a}$ i Bujuumbura kuj$_{a}$ i Gitéga har$_{i}$ ibiromeetéro biingáahé?

Ni haáf$_{i}$ ijana n$_{a}$ ímiroong$_{o}$ ibiri.

Umuunt$_{u}$ ahageend$_{a}$ umwaány$_{a}$ ungan$_{\acute{a}}$ ikí?

Amasǎh$_{a}$ atatu. (or: Amasah$_{\acute{a}}$ atatu.)

Kuv$_{a}$ i Bujuumbura kuj$_{a}$ i Ngoozi har$_{i}$ ibiromeetéro biingáahé?

Ni haáfi ijana na mìroong$_{o}$ itaanu.

Umuunt$_{u}$ ahageend$_{a}$ umwaány$_{a}$ ungan$_{\acute{a}}$ ikí?

Amasah$_{\acute{a}}$ atatu.

Kuv$_{a}$ i Ngoozi kuj$_{a}$ i Muyiínga har$_{i}$ ibiromeetéro biingáahé?

Ni haáfi miroong$_{o}$ iceénda.

Umuunt$_{u}$ ahageend$_{a}$ umwaánya ungan$_{\acute{a}}$ ikí?

Amasah$_{\acute{a}}$ abiri.

[NB The different pronunciations of /na/ plus /imiroongo/ illustrated in the recordings for this exercise.]

Kuv$_a$ i Gitéga kuj$_a$ i Muyiínga har$_i$ ibiromeetéro biingáahé?

Ni haáf$_i$ ijana n$_a$ ímiroong$_o$ itaandátu.

Umuunt$_u$ ahageend$_a$ umwaány$_a$ ungan$_{\acute{a}}$ ikí?

Amasah$_{\acute{a}}$ atatu.

Kuv$_a$ i Gitéga kuj$_a$ i Bururí har$_i$ ibiromeetéro biingáahé?

Ni haáfi ijana na mìroong$_o$ iné.

Umuunt$_u$ ahageend$_a$ umwaány$_a$ ungan$_{\acute{a}}$ ikí?

Amasah$_{\acute{a}}$ atatu.

Kuv$_a$ i Bujuumbura kuj$_a$ i Muraamvya har$_i$ ibiromeetéro biingáahé?

Ni haáfi miroong$_o$ itaanu.

Umuunt$_u$ ahageend$_a$ umwaány$_a$ ungan$_{\acute{a}}$ ikí?

Isah$_{\acute{a}}$ imwé.

Kuv$_a$ i Gitéga kuja mu Rutana har$_i$ ibiromeetéro biingáahé?

Ni haáfi ijana na cúmi.

Umuunt$_u$ ahageend$_a$ umwaány$_a$ ungan$_{\acute{a}}$ ikí?

Amasah$_{\acute{a}}$ abiri.

[The student should supply the tones in the last two sets of sentences].

Kuv$_a$ i Bujuumbura kuj$_a$ i Bubaanza ´n$_i$ ibiromeetero bingaahe?

Ni haafi miroong$_o$ itaandatu.

Umuunt$_u$ ahageend$_a$ umwaany$_a$ ungan$_a$ iki?

Isah$_a$ imwe.

Kuv$_a$ i Bujuumbura kuj$_a$ i Bururi har$_i$ ibiromeetero biingaahe?

Ni haaf$_i$ ijana na miroong$_o$ itaanu.

Umuunt$_u$ ahageend$_a$ umwaany$_a$ ungan$_a$ iki?

Amasah$_a$ atatu.

Practice conversations.

1.

I'm going to take a trip next week.	Nzooja gutéembeera kw iiyiínga riizá.	
		Ah! Uzoororǎhe?
To Rumonge.	Nzooja mu Rumoonge.	
		Ni kure! Uzoomaray$_{\acute{o}}$ igihe kiingaan$_{\acute{a}}$ ikí?
For about two weeks.	Nk$_a$ ámayiíng$_a$ abiri.	
		Uzoogeenda ryáarí?
On Wednesday.	Ku wa gátatu.	

2.

Is Rumonge on far from Kigoma?	Mu Rumoonge ´ni kure y$_a$ í Kigoma?	
		Oya ´nihó haáfi.

I want to go there next month.	Nshaaka kujayó mu kwéezi kuuzá.	
		Uzoomaray$_{\acute{o}}$ igihe kiingan$_{\acute{a}}$ ikí?
I don't know yet.	Sindabíizi néezá.	
		Uzoogeenda muu ndeége?
No, by car.	Oya nzoogeenda mu mudúga.	
		N$_i$ amafaraang$_a$ angáahé?
It's just 8 frs. per kilometer.	N$_i$ umunaáni gusa ku kilomeetéro.	
It's not much.	Si meénshi caane.	

UNIT 14

BASIC DIALOGUE

	-bárira (-báriye)	to tell
	ingéne	how?
	-gura (-guze)	to buy, sell
	imbóga (9, 10)	vegetables
1A	Mbarir$_a$ ingén$_e$ ugur$_{\acute{a}}$ izo mbóga.	Tell me how you sell those vegetables.
	ishu (5, 6 or 9, 10)	cabbage
	ikárooti (9, 6 or 10)	carrot
	isereri (9, 10)	celery
2B	Ushaak$_a$ iziíhe? Amashu, amakárooti, isereri...?	Which [kinds] do you want? Cabbage(s), carrots, celery...?
3A	Amashu. Iryá níni uyigur$_a$ uúte?	Cabbage. How much do you charge for that big [head]? ('How do you sell it?')
4B	Amafaraánga miroong$_o$ itatu gusa.	Only 30 F.
5A	Ni intávǎho?	Do you come down on your prices?
6B	Ime. (or: Me.)	(Emphatic affirmative)
7A	Oya, ndagúha cúmi na átaanu.	No, [I'll] give you 15.
8B	Eka naáwe ´s$_1$ ukugura da.	(elliptical) Come on, let's be reasonable.

9B	Mpa miroong$_{o}$ ibiri na átaanu.	Give me 25.
10A	Udáshaats$_{\acute{e}}$ amafaraánga miroongo ibiri uraběho.	If you don't want 20 F., good bye!
	-gabira (-gabiye)	to give as a gift
11B	Eegó, ´zana, nkugabíre.	Yes, give it to me ('bring'). I'll make you a present of it.

Dialogue 2.

12C	Uguriish$_{a}$ ikí?	What are you selling?
	umuúnyu (3)	salt
	isúkaári (9)	sugar
13D	Mfis$_{e}$ umuúnyu, isúkaári, n$_{a}$ íbiíndi.	I have salt, sugar, etc.
14C	Uguriish$_{a}$ ŭt$_{e}$ umuúnyu?	How do you sell salt?
	ikiyíiko (7, 8)	spoon
15D	Ibiyíiko bibiri kw iifaraanga.	Two spoons for a franc.
16C	Uraziimba caane!	You're very high!
17D	Oya, k$_{o}$ári wewé ndagúha bitatu bítatu.	No, [but] for you, I'll give you three [for one franc].
	-gera (-geze)	to weigh, measure in some other fashion
	-gerera (-gereye)	to weigh for

18C Ngerer$_a$ uw$_{\acute{a}}$ amafaraang$_a$ ataanu. Measure me out 5 F. worth.

Supplementary Vocabulary. Some foodstuffs and their qualities.

	'This fruit is good.'	
icaámwa (7, 8)	Iki caámwa ´ni ciizá.	piece of fruit
indímu (9, 10)	Iyi ndímu ´ni nziizá.	lemon
umucúungwá (3, 4) umucuúngwa	Uyu mucúungwá ´ni mwiizá.	orange
umweembe (3, 4) umweémbe	Uyu mweembe ´ni mwiizá.	mango
urutore (11, 10)	Uru rutore ´ni rwiizá.	eggplant
umŭhwi (3, 4)	Uyu mŭhwi ´ni mwiizá.	banana
igitooke (7, 8)	Iki gitooke ´ni ciizá.	plantain
igituunguru (7, 8)	Iki gituunguru ´ni ciizá.	onion
inyama (9, 10)	Izi nyama ´ni nziizá.	meat
ifí (9, 10)	Iyi fí ´ni nziizá.	fish (large)
indagara (9, 10)	Izi ndagara ´ni nziizá.	fish (small)

Qualities of fruit.

-shá (-hiíye) 'to get ripe'	Iyi micúungw$_{\acute{a}}$ irahíiye?	Are these oranges ripe?
	Oya ´ntihiiyé.	No, they aren't (ripe).

	Uyu mucuúngw´$_a$ urahíiye?	Is this orange ripe?
	Oya ´ntuhiiyé.	No, it isn't.
gusóosa 'to be sweet'	Iyi micuúngw´$_a$ irasóosa?	Are these oranges sweet?
	Oya, ´ntisoosá.	No, they aren't.
gukaata 'to be bitter/ sour'	Irakaata?	Are they sour?
	Oya ´ntikaatá.	No, they aren't.
	Imicuúngwá ńtikaatá.	Oranges are not sour.
-bora (-boze) 'to rot'	Uyu mucúungw´$_a$ uraboze?	Is this orange rotten?
	Oya ´ntubozé.	No, it isn't.
	Urahíiye.	It is ripe.
-híishira (-híishiye) 'to ripen'	Izi ntore zirahíishiye?	Are these eggplant ripe?
	Oya ´ntizihiishíye.	No, they aren't.
~níni 'big'	Iyi shu ´ni níni?	Is this head of cabbage large?
~tó 'little'	Iyi shu ´ni ntó?	Is this head of cabbage small?
~toóto 'fresh'	Iyi shu ´ni ntoóto?	Is this head of cabbage fresh?
-kaba (-kavye) 'to grow stale, dry, old, wilted'	Iyi sh$_u$ irakavye?	Is this head of cabbage old?

bísi
'unripe, green, raw' Iyi shu ´ni mbísi? Is this cabbage raw?

Kinds of meat:

	'Give me beef.'	
inká (9, 10)	Mp$_a$ inyama z$_a$ íinká.	cattle
ingurube	Mp$_a$ inyama z$_a$ íngurube.	pig
inkǒko	Mp$_a$ inyama z$_a$ ínkǒko.	chicken

1. A note on non-indicative negatives.

In Unit 4, the use of /´nti-/ as a negative prefix was described. This prefix is used with all negative indicative forms, and only with indicative forms.

Usháatse...	If you want...
Udáshaatse...	If you don't want...
Utáguze	if you don't want...

These two verb forms are participial. The third, which is negative, contains the prefix /-ta-/. Unlike /-´nti-/ which occurs at the very beginning of a word, /-ta-/ occurs immediately after the subject prefix.

This prefix has an alternant form /-da-/, which is used when the syllable that follows it begins with a voiceless consonant. This is illustrated by the second of the above examples.

Tonally, /-ta-/ is basically low, and has no effect on the tones of neighboring syllables.

This negative prefix is used, not only in participial forms, but in most other non-indicative forms as well.

2. A note on the use of relative verb forms in indirect discourse.

Compare these two sentences:

Bakora mu biíndi bisagára.	They work in other cities.
Amubarira kó bakorá mu biíndi bisagára.	He tells him that they work in other cities.

The verb /bakora/ in the first sentence is indicative. In the second sentence, the verb is /bakorá/, a relative form. After the word /kó/, which is ordinarily translated into English as 'that', a verb is in the relative mood.

Exercise 1. Affirmative vs. negative of relative forms.

'We want mangoes that are ripe.'

'We don't want mangoes that are not ripe.'

gusha Dushaak$_a$ imyeemb$_e$ ihiiyé.

Ntidushaak$_{\acute{a}}$ imyeemb$_e$ idahiiyé.

indĭmu Dushaak$_a$ i ndımú zihiiyé.

Ntidushaak$_{\acute{a}}$ indımú zidahiiyé.

imĭhwi Dushaak$_a$ imihw$_{\acute{i}}$ ihiiyé.

Ntidushaak$_{\acute{a}}$ imihw$_{\acute{i}}$ idahiiyé.

gusóosa Dushaak$_a$ imihw$_{\acute{i}}$ isoosá.

Ntidushaak$_{\acute{a}}$ imihw$_{\acute{i}}$ idasoosá.

imicúungwá Dushaak$_a$ imicúungw$_{\acute{a}}$ isoosá.

Ntidushaak$_{\acute{a}}$ imicúungw$_{\acute{a}}$ idasoosá.

[NB For words like /indĭmu/, some speakers shift the tone pattern to /indimú/ when the word is followed by a word that begins with low tone.]

Exercise 2. Participial vs. indicative disjunct, affirmative.

'Do these oranges seem ripe to you [as you look at them]?'

'Yes, they are ripe.'

gushá	Ubon$_a$ iyi micúungw$_{\acute{a}}$ ihíiye?
	Eeg$_{\acute{o}}$ irahíiye.
intore	Ubon$_a$ izi ntore zíhiiye?
	Eegó zirahíiye.
kubora	Ubon$_a$ izi ntore zíboze?
	Eegó ziraboze.
imĭhwi	Ubon$_a$ iyi mıhw$_{\acute{ı}}$ ibóze?
	Eeg$_{\acute{o}}$ iraboze.
myiizá	Ubon$_a$ iyi mıhw$_{\acute{ı}}$ arí myiizá?
	Eegó ´ni myiizá.

Exercise 3. Relative verb forms, affirmative.

'Do they have ripe oranges?'

gusóosa	Bafis$_e$ imicúungw$_{\acute{a}}$ isoosá?	Do they have sweet oranges?
gushá	Bafis$_e$ imicúungw$_{\acute{a}}$ ihiiyé?	Do they have ripe oranges?
indĭmu	Bafis$_e$ indimú zihiiyé?	Do they have ripe lemons?
kuziimba	Bafis$_e$ indimú ziziimvyé?	Do they have expensive oranges?

imǐhwi	Bafis$_e$ imihw$_{\acute{i}}$ iziimvyé?	Do they have expensive bananas?
kuziimbuuka	Bafis$_e$ imihw$_{\acute{i}}$ iziimbúutse?	Do they have cheap bananas?
amashu	Bafis$_e$ amash$_u$ aziimbúutse?	Do they have cheap cabbage?
gukaba	Bafis$_e$ amash$_u$ akavyé?	Do they have wilted cabbage?
intore	Bafis$_e$ intore zikavyé?	Do they have dried out eggplant?
gukaata	Bafis$_e$ intore zikaatá?	Do they have sour eggplants?
indǐmu	Bafis$_e$ indimú zikaatá?	Do they have sour lemons?
gushá	Bafis$_e$ indimú zihiiyé?	Do they have ripe lemons?
imicúungwá	Bafis$_e$ imicúungw$_{\acute{a}}$ ihiiyé?	Do they have ripe oranges?

Exercise 4. Indicative vs. relative in direct vs. indirect discourse.

Nzoofata urugeendo rwaa kure.	I'm going to take a long trip.
Babarire kó nzoofát$_a$ urugeendo rwaa kure.	Tell them that I'm going to take a long trip.
Nzooteembeera, mur$_{\acute{i}}$ iyi miísi.	I'm going to travel around these days.
Babarire kó nzootéembeera mur$_{\acute{i}}$ iyi miísi.	Tell them I am going to travel around these days.

Nzoov$_{a}$ i Bujuumbura ĕjo.	I will leave Bujumbura tomorrow.
Babarire kó nzoov$_{\acute{a}}$ i Bujuumbur$_{a}$ ĕjo.	Tell them I will leave Bujumbura tomorrow.
Nzoobahitana.	I will pick you/them up.
Babarire kó nzoobahítana.	Tell them I will pick them up.
Nzoogaruka ku wàkáne.	I will come back Thursday.
Babarire kó nzoogáruka ku wa káne.	Tell them that I will come back Thursday.
Ntituzóogúra ivyaámwa.	We will not buy fruit.
Babarire kó tutazóogúr$_{a}$ ivyaámwa.	Tell them that we will not buy fruit.
Ntituzóokén$_{a}$ ivyaámwa.	We will not need fruit.
Babarire kó tutazóokén$_{a}$ ivyaámwa.	Tell them we will not need fruit.
Ntituzóotéek$_{a}$ imbŏga.	We will not cook vegetables.
Babarire kó tutazóotéek$_{a}$ imbóga.	Tell them that we will not cook vegetables.
Ntituzóobagábir$_{a}$ uyu mudúga.	We will not offer you this car.
Babarire kó tutazóobagábir$_{a}$ uyu mudúga.	Tell them that we will not offer you this car.
Ntituzóobabárira amazína yáacu.	We will not tell you our names.
Babarire kó tutazóobabárir$_{a}$ amazína yáacu.	Tell them we will not tell you our names.

Ntituzóojá mu bir$_o$ ějo.	We will not go to the office tomorrow.
Babarire kó tutazóojá mu bir$_o$ ějo.	Tell them that we will not go to the office tomorrow.
Ntituzóogúr$_a$ iyi nzu.	We will not buy this house (building).
Babarire kó tutazóogúr$_a$ iyi nzu.	Tell them that we will not buy this house.
Sinzóogáruka ku wa gátatu.	I will not come back Wednesday.
Babarire kó ´ntazóogáruka ku wa gátatu.	Tell them that I will not come back Wednesday.
Sinzóová hán$_o$ ějo.	I will not leave here tomorrow.
Babarire kó ´ntazóová hán$_o$ ějo.	Tell them that I will not leave here tomorrow.
Sinzóotáangura gukóra ějo.	I will not begin to work tomorrow.
Babarire kó ´ntazóotáangura gukór$_a$ ějo.	Tell them that I will not begin to work tomorrow.
Sinzóozímira.	I will not get lost.
Babarire kó ´ntazóozímira.	Tell them that I will not get lost.

Exercise 5. Indicative vs. relative, in direct vs. indirect discourse.

'I'm looking for [someone] who might help me.'

'Tell him that I'm looking for [someone] who might help me.'

Ndoonder$_a$ uwoómfasha.

Mubarire kó ndoondéra uwoómfasha.

Ihóoteér$_i$ ayisaang$_a$ i nyuma y$_a$ íbaánki.

Mubarire k$_ó$ iihóoteér$_i$ ayisaáng$_a$ inyuma y$_a$ íbaánki.

Nshaaka gutéembeera kw iiyiínga riizá.

Mubarire kó nshaaká gutéembeera kw iiyiínga riizá.

Ndamujaana.

Mubarire kó ndamujaána.

Ntegerey$_e$ umudúga.

Mubarire kó ntegérey$_e$ umudúga.

Dushaaka gutáangura vubá bíshobotse.

Mubarire kó dushaaká gutáangura vubá bíshobotse.

Dushikiriy$_e$ ibarabara rinínì.

Mubarire kó dushikíriy$_e$ ibarabara rinínì.

Ibiro vyaanje biri mu buseruko bw$_a$ íbaánki.

Mubarire k$_ó$ ibiro vyaanje birí mu buseruko bw$_a$ íbaánki.

Shóobuja yiitwa Yohaáni.

Mubarire kó shóobuja yiitwá Yohaáni.

Exercise 6. Use of the interrogative stem /-te/; indicative vs. relative verbs.

'How do they sell those vegetables?'

'I don't know how they sell those vegetables.'

Izo mbogá bazigura báte?

Siinzí ingéne bagur$_{\acute{a}}$ izo mbǒga.

Izo mbogá baziteeka báte?

Siinzí ingéne bateek$_{\acute{a}}$ izo mbǒga.

Inyama z$_a$ íngurube baziteeka báte?

Siinz$_{\acute{i}}$ ingéne bateek$_{\acute{a}}$ inyama z$_a$ íngurube.

Bashika ku biro ryáarí?

Siinz$_{\acute{i}}$ igihe bashiká ku biro.

Bava mu kazi ryáarí?

Siinz$_{\acute{i}}$ igihe bavá mu kazi.

Aja kw iisǒko ryáarí?

Siinz$_{\acute{i}}$ igih$_e$ ajá kw iisǒko.

Exercise 7. Indicative vs. relative vs. participial.

'Are these oranges spoiled?'

'André said they are not spoiled,'

'but they look spoiled to me.'

[NB /k$_o$/ before a vowel is pronounced /kw/.]

Iyi micúungw´$_a$ iraboze?

Anderey´$_a$ avuze k´$_o$ itabóze,

aríko mbona ibóze.

Iyi micúungwá ´ni mibísi?

Andereyá avuze k´$_o$ ihiishíiye,

aríko mbona arí mibísi.

Aya mashu ´ni maníni?

Anderey´$_a$ avuze k´$_o$ arí matóomató,

aríko mbon$_a$ arí maníni.

Aya mashu arakavye?

Anderey´$_a$ avuze k´$_o$ arí matoóto,

aríko mbon$_a$ akávye.

Izi mbogá zirakavye?

Anderey´$_a$ avuze k´$_o$ arí ntoóto,

aríko mbona zíkavye.

Izi mbogá zirakaata?

Anderey´$_a$ avuze kó zidakaatá,

aríko nuumva zíkaata.

Iki caámwa kirakaata?

Anderey´$_a$ avuze kó kidakaatá,

aríko nuumva gíkaata.

Iki caámwa kirasóosa?

Anderey´$_a$ avuze kó kidasoosá,

aríko nuumva gísoosa.

Narrative version of the basic dialogue of Unit 1. [To be learned by the student. The teacher then asks questions about this narrative.]

Yohaáni na Andereyá bararamukanya. Yohaáni abarir$_a$ Anderey$_{\acute{a}}$ izína ryíiwé n$_a$ uuk$_{\acute{o}}$ ar$_{\acute{i}}$ Umunyaameeriká. Andereyá amubarir$_a$ izína ryíiwé n$_a$ uuk$_{\acute{o}}$ akorá kuu baánki. Yohaáni avuga k$_{\acute{o}}$ akorá murí 'Consulat américain,' aríko k$_{\acute{o}}$ ahagezé vubá. ´Nicó gitúm$_a$ ataari bwáamubóne.	John and Andrew greet one another. John tells Andrew his name and that he is an American. Andrew tells him his name and that he works in a bank. John says that he works at the American consulate, but that he has arrived here recently. That is the reason he hasn't seen him.

NEW WORDS

-ramukanya (-ramukanije)	to greet one another
kó	that (used to introduce an indirect statement)

Narrative version of the basic dialogue of Unit 2.

Arageend$_a$ akomaanga ku ruugi ac$_a$ agira bwaakéeye. Bámubajije ayamúgeenz$_a$ ati: 'Ndoonder$_a$ akazi.' Bamubaz$_a$ akazi azígukóra. Avuga k$_{\acute{o}}$ azí kwaandikiish$_a$ imáshiíni.	He goes and knocks at the door and says good morning. They having asked him ('what makes him go') he says, 'I'm looking for work.' They ask him what work he knows (how) to do. He says that he knows (how) to type. They having told

Bámubariye k$_{\acute{o}}$ azoogáruka búkeey$_e$ ac$_{\acute{a}}$ aríikebaanura.	him that he is to return the following day, he says good bye.

NEW WORDS

-kómaanga (-kómaanze)	to knock
uruugi (11), inzuugi (10)	door
-ca	to cut (this verb has many English equivalents, according to context, it is used here to connect the two clauses which contain /komaanga/ and /-gira/.
-ti	special verb stem meaning 'said'
ayamúgeenza	an example of an 'autonomous' form of /-geenza/. This particular word has the prefix of a Class 6 substantive /aya-/ and the 3 sg. object prefix /-mu-/.
búkeeye	the following day

Narrative version of the basic dialogue of Unit 3.

Yohaáni abaz$_a$ Andereyá iy$_{\acute{o}}$ Abaruúndi bakorá, ngo kuk$_{\acute{o}}$ i Bujuumbura h́arí baké. Amubarira kó bakorá mu biíndi bisagára.	John asks Andrew where the Barundi work, because there in Usumbura there are few people. He tells him that they work in other cities. He explains to

Amusiguurira k´$_o$ abeénshi bakorá muung$_o$ íwaábo. Bararima, barabaaza, baracúra, n$_a$ íbiíndi vyiínshi.	him that many people work on their farms. They farm, do wood and metal work, and many other things.

NEW WORDS

iyó	that (pronoun)
ngo	that (conjunction)
kukó	because
gusíguura (-síguuye)	to explain

Practice conversations.

1.

Tell me how you sell this fruit.	Mbarir$_a$ ingén$_e$ ugur´$_a$ ivyo vyaámwa.	
		Ushaak$_a$ ibíihe?
Oranges and lemons.	Imicuungwa n$_a$ índĭmu.	
How much do you charge for those large oranges?	Imicuungwa miníni míníni uyigur$_a$ angáahé?	
		Umwé kw iifaraanga.

Do you reduce your prices?	Ni intávǎho?	
They are not ripe.	Ntihiishíye.	

Practice conversation 2.

2.

How much are those carrots?	Ayo makaróoti uyaguru$_a$ úte?	
		Amafaraang$_a$ icúmi ku mupfuungo.
A bunch of ('in which is') how many?	Umupfuung$_o$ urimw$_{\acute{o}}$ amákaróoti angáahé?	
		Ataanu.
Very high. I'll give you eight francs.	Araziimvye. Ndagúh$_a$ amafaraang$_a$ umunaáni.	
		Mp$_a$ iceénda.
Give me two bunches.	Mp$_a$ imipfuung$_o$ ibiri.	
		Ntushaak$_{\acute{a}}$ iziíndi?
No.	Oya.	

UNIT 15

BASIC DIALOGUE

Dialogue 1.

	ishímiízi (9, 6)	shirt
1A	Nshaaka kugur$_a$ ishímiízi.	I want to buy a shirt.
	ingo	come!
2B	Ingo nkweéreke.	Come and let me show you.
	ubwóoko (14, 14 or 6)	kind, sort
3A	Mufis$_e$ ayaáhe móoko y$_a$ ámashímiízi?	What kinds of shirts do you have?
4B	Turafís$_e$ 'Arrow', 'Beco', 'Manhattan'.	We've Arrow, Beco , Manhattan...
5A	Nshaak$_a$ 'Arrow'.	I want Arrow.
	-aambara (-aambaye)	to wear
6B	Waambar$_a$ iziíhe numero?	What is your size?
7A	Cúmi na zítaanu.	Fifteen, please!
	kaándi	and
	-kwíira (-kwíiye)	to suit
8B	Amashímiízi meezá kaánd$_i$ akwiiy$_e$´ abaantu nkaáwe ´ni 'Beco'.	Shirts [that are] good and which suit your type ('people like you') are Beco.
	-roonderera (-roondereye)	to look for, for someone

9A	Ndoonderer$_a$ 'Arrow', ´niyó nshaaká.	Find me the Arrows, that is what I want.

Dialogue 2.

	agashímiízi (12, 13)	shirt (in diminutive class, but here not referring literally to size)
10C	Waambay$_e$ agashímiízi keezá. Wakáguzěhe?	You're wearing ('You've put on') a nice shirt! Where did you buy it?
11D	Nayiguz$_e$ mu gitóondo kuu 'Estaf'.	I bought it this morning at Estaf.
	gútyo	like that
12C	Oh! Bafise amashímiízi meezá gútyo?	Oh! They have nice shirts like that?
13D	Si mbí caane.	They're not bad.
14C	Zigur$_a$ angáahé?	How much do they cost?
15D	Nayiguz$_e$ amajan$_a$ ataanu.	I paid 500 F.
	-nje	I
16C	Naánje nzooyigura.	I'm going to buy one too.
	igitaambara (7, 8)	cloth, material
17D	´N ahaandi nyéne, ico gitaambara wakíguzěhe?	By the way, where did you buy this piece of material?
	~sa	only, alone
18C	Ku 'El Greco' ´nivyó bisa.	At El Greco they are plentiful.

Supplementary vocabulary: Legal tender.

igiceri	Yaguhaay$_e$ ibiíhe biceri?	What kind of coins did he give you?
ifaraanga	Yampaaye ifaraanga rimwé.	He gave me a 1 F. piece.
imeya	Yampaay$_e$ imeya.	He gave me a 1/2 F. piece.
icaasha ikiingoroongoro	Yampaay$_e$ icaasha.	He gave me a 5 F. piece.

inóoti	Ufis$_e$ ayaáhe manoóti.	What kind of bills do you have?
10 F	Mfise amanoót$_i$ abiri ya íicúmi.	I have two 10 F. notes.
20 F	y$_a$ ímiroong$_o$ ibiri.	I have two 20 F. notes.
50 F	y$_a$ ímiroong$_o$ itaanu.	I have two 50 F. notes.
100 F	y$_a$ íjana.	I have two 100 F. notes.
500 F	y$_a$ ámajan$_a$ ataanu.	I have two 500 F. notes.
1000 F	y$_a$ ígihuumbi.	I have two 1000 F. notes.

Supplementary vocabulary: routine daily occurrences.

-vyúuka (-vyúutse)	to get up
Navyuuts$_e$ mu gitóondo.	I got up in the morning.

-íiyoza (-íiyogeje)	to bathe oneself
Niíyogeje.	I took a bath.
-káraba (-káravye)	to wash hands/face
Naakáravye.	I washed.
Naambaye.	I got dressed.
-fuungura (-fuunguye)	to eat
Naafuunguye.	I ate.
Nagiiye mu kazi.	I went to work.
daatàbuja (1) (pl. baadaatabuja (2))	overseer
umusáse (3)	midmorning
Daatabuja yaje mu biro ku musáse.	In the middle of the morning the boss came into the office.
-gaya (-gaye)	to be dissatisfied
Yaagay$_e$ akazi kaanje.	He was dissatisfied with my work.
Saa sitá nasubiy$_e$ imuhirá kufuungura.	At noon I returned home to eat.
Nasubiye mu kazi saa munaáni.	I went back to work at 2.
-shiima (-shiimye)	to be satisfied
-shiimira (-shiimiye)	
Daatabuja yaagarutse, nóoneh$_{\acute{o}}$ araanshiimira.	The boss came back, [and] then he was satisfied with me.

1. A note on the hodiernal tense.

Examples of the hodiernal tense are found in the following sentences:

Nayiguze mu gitóondo.	I bought it (in) [this] morning.
Naja kuri 'Luvinco' aríko naazímiyə.	I was going to Luvinco, but I got lost.

This tense is ordinarily used only for actions which have taken place on the same day. Its name is derived from the Latin word for 'today'. In form, the hodiernal is represented by a prefix /-a-/, which stands immediately before the object prefix or, if there is no object prefix, immediately before the stem. The basic tone of this prefix is low. [See Exercises 1, 2.]

The stem tones used with verbs in the hodiernal tense vary from set to set.

As in the immediate tense, there are separate conjunct and disjunct forms for the affirmative. [See Exercises 3, 4, 5.]

The mark of the disjunct hodiernal is not /-ra-/, but only /-a-/, and this second /-a-/ may best be thought of as following the tense prefix. Again as in the immediate tense, conjunct forms have low stem tone; disjunct forms have basic stem tone: that is to say, high verbs have a high tone and low verbs do not. [See Exercises 6,7.]

In the participial and relative moods, prefix tones are as for the immediate (and for all other tenses): high for participial and low for relative. Stem tone in the affirmative relative is post-radical high, as for the corresponding immediate forms. [See Exercise 8.]

Affirmative participial forms have basic stem tone: in this respect, the hodiernal tense differs from the immediate tense, whose affirmative participials have low stem tones. [See Exercise 9.]

In the negative, all stem tones are low for all moods of the hodiernal tense. [See Exercise 10.]

Exercise 1. Hodiernal conjunct.

'What did you see (in) [this] morning?'

kubóna	Waboony$_e$ ikí mu gitóondo?
gukóra	Wakoz$_e$ ikí mu gitóondo?
gusoma	Wasomy$_e$ ikí mu gitóondo?
kwaandika	Waandits$_e$ ikí mu gitóondo?
kwíiga	Wiiz$_e$ ikí mu gitóondo?
gutéeka	Wateets$_e$ ikí mu gitóondo?
kuroonka	Waroons$_e$ ikí mu gitóondo?
kurora	Waroyehé mu gitóondo?
kugeenda	Wagiiyehé mu gitóondo?
gufáta	Wafash$_e$ ikí mu gitóondo?
gutéembeera	Wateembeereyehé mu gitóondo?

Exercise 2. Hodiernal disjunct, Class 1 subject prefix.

'Did he arrive [today]?'

gushika	Yaashitse ?
gutáangura	Yaatáanguye ?

kugeenda	Yaagiiye?
kugaruka	Yaagarutse?
kuvúga	Yaavúze?
guhiindukira	Yaahiindukiye?
kuzímira	Yaazímiye?

Exercise 3. Hodiernal disjunct, various subject prefixes.

	'The oranges got ripe [sometime today].'
imicuúngwa	Imicuúngwa yaahíishiye.
ibitooke	Ibitooke vyaahíiye.
intore	Intore zaahíishiye.
kubora	Intore zaaboze.
imyeembe	Imyeembe yaaboze.
indǐmu	Indimú zaaboze.
icaámwa	Icaámwa caaboze.

[NB The preference for /-hîishiye/ after some nouns, and /-híiye/ after others.]

Exercise 4. Hodiernal disjunct vs. hodiernal conjunct.

	'He returned [today].'	'When [today] did he return?'
guhiindukira	Yaahiindukiye.	Yahiindukiye ryáarí?
gushika	Yaashitse.	Yashitsěhe?
kuzímira	Yaazímiye.	Yazìmiye ryáarí?

kuvyáara	Yaavyáaye.	Yavyàay$_e$ ikí?
kuvúga	Yaavúze.	Yavùz$_e$ ikí?

Exercise 5. Disjunct vs. conjunct, hodiernal indicative. [Some speakers may prefer to use conjunct forms in the first sentence of each pair, as well as in the second.]

'The children have done a lot.'	'What have they done?'
Abáana $\left\{\begin{array}{l}\text{baakoze (Cj)}\\ \text{baakóze (Dj)}\end{array}\right\}$ vyiínshi.	Baakoz$_e$ ikí?
Abáana baanditse vyiínshi.	Baandits$_e$ ikí?
Abáana baaboonye vyiínshi.	Baboony$_e$ ikí?
Abáana buúmviise vyiínshi.	Buumviis$_e$ ikí?
Abáana biíze vyiínshi.	Biize ikí?
Abáana baabájije vyiínshi.	Baabajije ikí?
Yohaáni $\left\{\begin{array}{l}\text{yakoze (Cj)}\\ \text{yaakóze (Dj)}\end{array}\right\}$ vyiínshi.	Yakoz$_e$ ikí?
Yohaáni yaanditse vyiínshi.	Yaandits$_e$ ikí?
Yohaáni yiíze vyiínshi.	Yiize ikí?
$\left\{\begin{array}{l}\text{Nakoze (Cj)}\\ \text{Naakóze (Dj)}\end{array}\right\}$ vyiínshi.	Wakoz$_e$ ikí?
Nuúmviise vyiínshi.	Wuumviis$_e$ ikí?
Nabajije vyiínshi.	Wabajij$_e$ ikí?
$\left\{\begin{array}{l}\text{Twaakoze (Cj)}\\ \text{Twaakóze (Dj)}\end{array}\right\}$ vyiínshi.	Mwaakoz$_e$ ikí?
Mwiíze vyiínshi.	Twiiz$_e$ ikí?

Exercise 6. Hodiernal disjunct with object prefix, personal.

'Did you see me [today] at the market?'	'I saw you.'
Waambóonyè kw iisǒko?	Naakubóonye.
Waatubóonye kw iisǒko?	Naababóonye.
Waababóonye kw iisǒko?	Naababóonye.
Waamubóonye kw iisǒko?	Naamubóonye.

Exercise 7. Hodiernal disjunct with object prefix, impersonal.

	'Did you see this letter [today]?'	'I saw it.'
kubóna	Waabóony$_e$ iri keéte?	Naaribóonye.
kwaandika	Waandits$_e$ iri keete?	Naaryaanditse.
kuroonka	Waaroons$_e$ iri keéte?	Naariroonse.
kugera 'weigh'	Waagez$_e$ iri keéte?	Naarigeze.
kuroondera	Waaroondey$_e$ iri keéte?	Naariroondeye.
gusoma	Waasomye iri keéte?	Naarisomye.

[NB The omission of /r/ in the third column of Line 5.]

Exercise 8. Hodiernal relative.

	'That child, it is he whom I saw.' ('That child is the one I saw.')
kubóna	Uyo mwáana ´niwé naboonyé.
kuzímurura	Uyo mwáana ´niwé nazimúruye.
gukúunda	Uyo mwáana ´niwé nakuunzé.
kumenya	Uyo mwáana ´niwé namenyé.
gufásha	Uyo mwáana ´niwé nafashíje.

Exercise 9. Hodiernal indicative vs. hodiernal participial.

	'Did he arrive [sometime today]?'	'Maybe he arrived.'
gushika	Yaashitse?	Nkeeka yáashitse.
kugura	Yaaguz$_e$ impuúzu?	Nkeeka yáaguz$_e$ impuúzu.
gusoma	Yaasomy$_e$ iki gitabo?	Nkeeka yáasomy$_e$ iki gitabo.
gukóra	Yaakóz$_e$ aka kazi?	Nkeeka yáakóz$_e$ aka kazi.
guteeka	Yaatéets$_e$ izi nyama?	Nkeeka yáatéets$_e$ izi nyama.
kugoroora	Yaagorooy$_e$ izi mpuúzu?	Nkeeka yáagorooy$_e$ izi mpuúzu.

Exercise 10. Hodiernal relative negative.

	'The person who didn't arrive [today] is John.'
gushika	Umuunt$_u$ ataashitse ´ni Yohaáni.
kugeenda	Umuunt$_u$ ataagiiye ´ni Yohaáni.
kuvúga	Umuunt$_u$ ataavuze ´ni Yohaáni.
kwúumva	Umuunt$_u$ atuumviise ´ni Yohaáni.
gufásha	Umuunt$_u$ ataadufashije ´ni Yohaáni.

Exercise 11. Hodiernal past. Questions and answers, 2 sg. and 1 sg.

Wakoz$_e$ ikí mu gitóondo?	What did you do in the morning?
Nagiiye kw iisǒko.	I went to the market.
Wakoz$_e$ ikí kw iisǒko?	What did you do at the market?
Naguz$_e$ ibiintu.	I bought things.
Waguz$_e$ ibiíhe biintu?	What kind of things did you buy?
Naguz$_e$ imbǒga.	I bought vegetables.

Exercise 12. Hodiernal past. Questions and answers, 3 sg.

Yohaáni yagiiyehé mu gitóondo?	Where did John go this morning?
Yagiiye mu gisagára.	He went to town.
Yakoz$_e$ ikí mu gisagára?	What did he do in town?
Yaakóze.	He worked.
Yataanguye gukóra ryáarí?	What time did he begin work?
Yataanguye gukór$_a$ isahá zibiri.	He began work at 8.

Exercise 13. Hodiernal past. Questions and answers, 3 pl.

Abáana baagiiyehé mu gitóondo?	Where did the children go this morning?
Baagiiye kw iishuúri.	They went to school.
Baakoz$_e$ ikí kw iishuúri?	What did they do at school?
Biíze.	They studied.

Exercise 14. Hodiernal past. Questions and answers, 2 pl. and 1 pl.

Mwaakoz$_e$ ikí mu gitóondo?	What did you (pl.) do this morning?
Twaakóze.	We worked.
Mwaakoz$_e$ akaáhe kazi?	What kind of work did you do?
Twaamesuuy$_e$ impuúzu.	We washed clothes.

Practice conversations.

1.

Those are nice carrots.	Aya makaróoti ´ni meezá.	
Where did you get them?	Wayaguzěhe?	
		Nayaguze kw iisokó mu gitóondo.
How much?	Wayaguz$_e$ ǔte?	
		Ntiyanziimvyè caane.
There is where many people have bought them.	´N$_i$ uukó yaazanywé na beénshi.	

2.

Did you go to the market today?	Waagiiye kw iisok$_o$´ uyu muúsi?	
		Naagiiye.

What did you want to buy?	Washaaka kugur$_a$ ikí?	
		Nashaak$_a$ ibiintu vyiínshi.

3.

Did you go by car?	Wagiiye n$_a$ úmudúga?	
		Nafashe 'taxi'.
Did you go to the bank also?	Ntiwagiiye kuu baánki?	
		Oya, nagíiy$_e$ ějo.

Free conversation.

Practice asking and answering questions about activities that have or have not been performed earlier during the day.

UNIT 16

BASIC DIALOGUE

Dialogue 1.

	madaámu	Madame
	irǐgi (5, 6)	egg
	´ntaa	it is not, there is not
1A	Madaámu, ´ntaa mag$_{\acute{i}}$ uroondéra?	Are you in the market for eggs? ('Is it not eggs that you seek?')
	-zana (-zanye)	to bring
	-raaba (-raavye)	to examine
2B	Ndayaroondera, zana ndaabé.	Yes, I am ('I seek them'). Bring [them] [so] that I may examine [them].
3A	Raaba, usaang$_{a}$ arí meezá caane.	Look [them] over, you'll find that they are very nice.
	-piima (-piimye)	to test, measure
4B	Ndayapiíme ndabe k$_{\acute{o}}$ akoméeye?	May I test them [to be sure] that they are in good condition?
5A	Oy$_{a}$,amagí yaanj$_{e}$ akomeeye yóóse.	No, all my eggs are good.
	icúumwéeru (7, 8)	week
	-shira (-shize)	to end, become exhausted in supply

6B	Ayó nagúze mu cúumwéeru gishizé yarí mabí nka yóose.	Those that I bought last week were almost all bad ('bad almost all').
	-toora (-tooye)	to choose
7A	Roreera ndagutoórere mw$_{\acute{o}}$aaméezá.	Wait, I'll choose some nice ones for you.
8B	Ntoorerámwó miroong$_{o}$ ibiri.	Pick me out twenty.
9B	Nguh$_{a}$ amafaraang$_{a}$ angáahé?	How much (money do I give you)?
10A	Umpa miroong$_{o}$ ibiri nyéne.	(You give me) 20 F.
11B	Ngaayó. Ej$_{o}$ uráanzanir$_{a}$ ayaándi.	Here it is. ('Here they are.') Bring me some more tomorrow.
	-bónana (-bonanye)	to see one another
12A	Urakóze caane Madaámu, tuzoobonan$_{a}$ ejo.	Thank you very much, Ma'am. See you tomorrow!

Dialogue 2.

13A	Aya magí wayáguze naánde?	Where ('with whom') did you buy these eggs?
14B	Nayáguze na Yóhaáni.	I got them from John.
15A	Yayáazanye ku muúsi waambere?	Did he bring them on Monday?

16B	Oya, ´ntaa magí yári aáfise igihe yarí háno.	No, he didn't have eggs the time he was here.
17B	Amagí yayáazanye ku wa kábiri.	He brought the eggs on Tuesday.
	˜shaásha	new, fresh
18B	Yavúze kó aaya mǎgí arí mashaásha.	He said that these eggs are fresh.

1. A note on the tone of words like /irǐgi/.

A number of words, when pronounced in isolation or at the end of a phrase, have unanticipated high tone on the next to last syllable. An example is /irǐgi/ 'egg'. For some speakers, this tonal pattern remains constant regardless of context:

irǐgi	an egg
irǐgi ryaanje	my egg

For others, the tonal pattern:

irigí ryaanje

is heard when another word follows, especially if that word begins with low tone. The marking of tones in such instances vacillates in this book between one of these patterns and the other.

2. A note on the hesternal past tense.

Examples of the tense are found in the following sentences:

Baávuze k$_{\acute{o}}$ aaz$_{a}$ uyu muúsi.	They said he was coming today.
Yavúze k$_{\acute{o}}$ aaya mǎg$_{\acute{i}}$ arí mashaásha.	He said [yesterday or earlier] that the eggs were fresh.
Nayáguze na Yóhaáni.	I bought them from John.
Yayáazanye.	He brought them.
ayó nagúze...	those that I bought...

This tense is ordinarily used only in talking about things that happened yesterday or earlier. It gets its name from the Latin word for 'yesterday.'

In general, hesternal forms of the verb are spelled exactly like their counterparts in the hodiernal. The exceptions are the disjunct forms. (The hesternal is the only tense which has separate conjunct and disjunct forms for the affirmative participial, as well as for the affirmative indicative.) It will be remembered that the hodiernal forms all contained an /-a-/ immediately before the object prefix or the stem.

The characteristic difference between hodiernal and hesternal forms is that the latter, in addition to the general past /-a-/, have a high tone. The location of this tone varies according to the structure of the prefix which stands immediately before the /-a-/.

If that prefix, in its basic form, is MONOPHONIC (i.e.

consists of a single vowel (/u,a,i/) or consonant (/n/), then the high tone is on the vowel of the syllable that follows the /-a-/. Thus:

	nayáguze	I bought them [before today].
cf.	nayaguze	I bought them [today].
	wazímesuuye	did you launder them? (hesternal)
cf.	wazimesuuye	(hodiernal)
	yagíiye	he went (hesternal)
cf.	yagiiye	(hodiernal)

[For drill on this point, see Exercises 3, 4, 5.]

If the prefix that stands before the past /-a-/ is DIPHONIC (consists of two phonemes), then the high tone is retained on the /-a-/. The /-a-/ itself is long, and the tone falls on the second half of the vowel. Thus:

	baáturutsěhe?	where did they come from [before today]?
cf.	baaturutsěhe?	where did they come from [today]?

Thus the tone falls on the second mora of the verb, for monophonic and diphonic prefixes alike. [For drill on this point, see Exercises 1, 2, 5.]

The disjunct forms are different from the conjunct only in having the syllable /-ra-/ immediately after the tense prefix /-a-/. Note that in this respect the hesternal tense is like the immediate tense, which also has /-ra-/ in its disjunct forms. It is unlike the hodiernal, where disjunct forms have an extra /-a-/, but no /-r-/. Thus:

Twaáragíiy$_e$ i Gitéga igihe twaár$_i$ i Buruúndi.	We went to Kitega while we were in Burundi..
Twaárabóonye Yoháani igihe twaár$_i$ i Buruúndi.	We saw John while we were in Burundi.
Narásomy$_e$ ico gitabo igihe nakúroreera.	I read that book while I was waiting for you.
Twaágiiy$_e$ i Gitéga ejo.	We went to Kitega yesterday.

The stem tone of most hesternal forms, both affirmative and negative, is low. The exceptions are the disjuncts, both indicative and participial, which have a high tone on the root syllable in those forms with a diphonic subject prefix.

Nkeeka báaragíiye ku kivuko.	Maybe they went to the port.

It should be noted that low stem tone is found even in the affirmative relative forms of the hesternal tense. In this respect, the hesternal tense is unique. In the immediate and recent tenses, affirmative relative forms have postradical high tone (cf. Unit 4 , Note 3). Because the stem tone of the indicative forms of the hesternal tense is low, relative and conjunct indicative forms of the affirmative of this tense turn out to be identical with one another. Thus:

Nagúz$_e$ ayo.	I bought those.
ayó nagúze...	those that I bought...

[For practice on this point, see Exercise 13.]

Participial forms of the hesternal have an initial high tone, just as they have in the other tenses. Where this tone falls on a syllable that includes a 'monophonic' subject prefix, the high tone that one might expect on the following syllable is not pronounced. Thus:

	Nkeeka yáyaraavye.	Maybe he examined them. (hesternal participial)
cf.	Yayáraavye ejo.	He examined them yesterday. (hesternal indicative)

[For practice on this point, see Exercise 12.]

Where the subject prefix is 'diphonic', and the vowel following it is long, the high tone of the participial is found on the first half of the vowel, and the high tone of the hesternal tense is retained on the second half. This produces a double high tone:

Nkeeka bááj$_e$ ejo.

Exercise 1. Hodiernal vs. hesternal past, conjunct. Practice in differentiation. Diphonic subject prefixes.

a.

'What did you receive [today]?'	'What did you receive [before today]?'	
Mwaaroons$_e$ ikí?	Mwaároons$_e$ ikí? (ejo)	D
Mwaaroons$_e$ ikí?	Mwaaroons$_e$ ikí?	S
Mwaároons$_e$ ikí? (ejo)	Mwaaroons$_e$ ikí?	D
Mwaároons$_e$ ikí? (ejo)	Mwaároons$_e$ ikí (ejo)	S

b.

'What did we do [today]?'	'What did we do [before today]?'	
Twaakoz$_e$ ikí?	Twaákoz$_e$ ikí? (ejo)	D
Twaakoz$_e$ ikí?	Twaakoz$_e$ ikí?	S
Twaákoz$_e$ ikí? (ejo)	Twaakoz$_e$ ikí?	D
Twaákoz$_e$ ikí? (ejo)	Twaákoz$_e$ ikí? (ejo)	S

c.

'Where did they come from [before today]?'	'Where did they come from [today]?'	
Baáturutsěhe? (ejo)	Baaturutsěhe?	D
Baáturutsěhe? (ejo)	Baáturutsěhe? (ejo)	S
Baaturutsěhe?	Baáturutsěhe? (ejo)	D
Baaturutsěhe?	Baaturutsěhe?	S

Exercise 2. Hodiernal vs. hesternal past. Practice in identification. Diphonic subject prefixes.

a. Verb stems used in Exercise 1.

mwaároons$_e$ ikí? (ejo)	Hs
mwaaroons$_e$ ikí?	Hd
baáturutsěhe? (ejo)	Hs
baaturutsěhe?	Hd
twaaroons$_e$ ikí?	Hd
baároons$_e$ ikí? (ejo)	Hs
mwaákoz$_e$ ikí? (ejo)	Hs
baaroons$_e$ ikí?	Hd

mwaáturutsěhe ?(ejo)	Hs
twaakoz$_e$ ikí?	Hd

b. Other verb stems.

baágezěhe? (ejo)	Hs
baagezěhe?	Hd
mwaáshitsěhe? (ejo)	Hs
baaguze ikí?	Hd
mwaásomy$_e$ ikí? (ejo)	Hs
baáteets$_e$ ikí? (ejo)	Hs
mwaamesuuy$_e$ ikí?	Hd
mwaaroondey$_e$ ikí?	Hd
baáguz$_e$ iki? (ejo)	Hs
mwaateets$_e$ ikí?	Hd

Exercise 3. Hodiernal vs. hesternal, conjunct. Practice in differentiation. Monophonic subject prefixes.

a. 'What did I do [today]?'	'What did I do [before today]?'	
Nakoz$_e$ ikí?	Nakóz$_e$ ikí? (ejo)	D
Nakoz$_e$ ikí?	Nakoz$_e$ ikí?	S
Nakóz$_e$ ikí? (ejo)	Nakoz$_e$ ikí?	D
Nakóz$_e$ ikí? (ejo)	Nakóz$_e$ ikí? (ejo)	S

b. What did you receive [before today]?	What did you receive [today]?	
Waróons$_e$ ikí? (ejo)	Waroons$_e$ ikí?	D
Waróons$_e$ ikí? (ejo)	Waróons$_e$ ikí? (ejo)	S
Waroons$_e$ ikí?	Waróons$_e$ ikí? (ejo)	D
Waroons$_e$ ikí?	Waroons$_e$ ikí?	S

c. Where did he come from [before today]?	Where did he come from [today]?	
Yatúrutsěhe? (ejo)	Yaturutsěhe?	D
Yatúrutsěhe? (ejo)	Yatúrutsěhe? (ejo)	S
Yaturutsěhe?	Yatúrutsěhe? (ejo)	D
Yaturutsěhe?	Yaturutsěhe?	S

Exercise 4. Hodiernal vs. hesternal conjunct. Practice in identification. Monophonic subject prefixes.

nakóz$_e$ ikí? (ejo)	Hs
nakoz$_e$ ikí?	Hd
waroons$_e$ ikí?	Hd
yatúrutsěhe? (ejo)	Hs
wasómy$_e$ ikí? (ejo)	Hs
yateets$_e$ ikí?	Hd
wamésuuy$_e$ ikí? (ejo)	Hs
washitsěhe?	Hd

yagézěhe? (ejo)	Hs
waguz$_e$ ikí?	Hd

Exercise 5. Hodiernal vs. hesternal conjunct. Practice in identification. Monophonic and diphonic subject prefixes.

yateets$_e$ ikí?	Hd
baagezěhe?	Hd
mwaároons$_e$ ikí? (ejó)	Hs
twaakoz$_e$ iki?	Hd
waguzěhe?	Hd
mwaáturutsěhe? (ejo)	Hs
baasomy$_e$ ikí?	Hd
baámesuuy$_e$ ikí? (ejo)	Hs
yamésuuy$_e$ ikí? (ejo)	Hs
washitsěhe?	Hd

Exercise 6. Hesternal conjunct.

'What did you do (on) [that] morning?'

gukóra	Wakóz$_e$ ikí mu gitóondo?
kubóna	Wabóony$_e$ ikí mu gitóondo?
kwíiga	Wiíz$_e$ ikí mu gitóondo?
kusoma	Wasómy$_e$ ikí mu gitóondo?
kuroonka	Waróons$_e$ ikí mu gitóondo?
kwaandika	Waándits$_e$ ikí mu gitóondo?

Exercise 7. Hesternal conjunct.

	'He/she began [before today] at noon.'
gutáangura	Yatáanguye saa sitá.
kuvyáara	Yavyáaye saa sitá.
kuzímira	Yazímiye saa sitá.
gushika	Yashítse saa sitá.
kugeenda	Yagíiye saa sitá.
guhiindukira	Yahíindukiye saa sitá.

Exercise 8. Hesternal, object prefixes.

	'Did you finish the work yesterday?'	'I finished it yesterday.'
kumara	Wamáz$_e$ akaz$_i$ ejó?	Nakámaz$_e$ ejó.
kuroonka	Waróons$_e$ ikeét$_e$ ejó?	Naríroons$_e$ ejó.
kwíiga	Wiíz$_e$ ico gitab$_o$ ejo?	Naciíz$_e$ ejo.
kwiibagira	Wiíbagiy$_e$ ikáraám$_u$ ejo?	Nayíibagiy$_e$ ejo.
kubábarira	Wabábariy$_e$ Yohaán$_i$ ejo?	Namúbabariy$_e$ ejo.
kugaruka	Wagáruts$_e$ imuhir$_{\acute{a}}$ ejo?	Nahágaruts$_e$ ejo.
kurima	Warímy$_e$ amash$_{\acute{u}}$ ejo?	Nayárimy$_e$ ejo.
kugoroora	Wagórooy$_e$ impuúzu zóóse?	Nazígorooye zóóse.

[NB The apparently free alternation between /ějo/ [ˋ_] and /ejó/ [‿ -] in these sentences of Note 1. This word will be left unmarked for tone in the remainder of these exercises, so that the student may mark the various occurrences of this word as he hears them from his own tutor.]

Exercise 9. Hodiernal vs. hesternal. Monophonic prefixes.

gusúbira	Ntaráasúbira mu kazi?	Hasn't he returned to work yet?
gutáambuka	Ntaráatáambuk$_a$ iyi nzira?	Hasn't he passed this way yet?
gutáangura	Ntaráatáangura kwíiga?	Hasn't he begun to study yet?
gutégeera	Ntaráatégeer$_a$ icó bivugá?	Doesn't he yet understand what it means?
gutéeka	Ntaráatéek$_a$ inkokó?	Hasn't she cooked the chicken yet?
kuva	Ntaráav$_a$ i Buráya?	Hasn't he left Europe yet?
kurima	Ntaráarim$_a$ imbóga?	Hasn't he planted vegetables yet?

b. Affirmative questions.

Araároong$_a$ intoofanyi?	Has he already washed the potatoes?
Araároonk$_a$ ikéete?	Has he already received the letter?

Aráashúush$_a$ amáazi?	Has he already heated the water?
Aráabisíguura?	Has he already explained it?
Aráasúbira mu kazi?	Has he already returned to work?
Aráatáambuk$_a$ iyi nzira?	Has he crossed the path yet?
Aráatáangura kwíiga?	Has he begun to study yet?
Aráatégeer$_a$ icó bivugá?	Does he already understand what it means?
Aráatéek$_a$ inkokó?	Has he already cooked the chicken?
Aráav$_a$ i Buráya?	Has he left/come back from Europe yet?
Aráarim$_a$ imbóga ?	Has he planted vegetables yet?

[After the two halves of Exercise 1 have been practiced separately, they should be practiced together, using the affirmative question from Part B as cue, and the negative from Part A as response.]

Exercise 2. Persistive tense.

	'Isn't that book finished (or, worn out) yet?'	'It is worn out/ finished.'
igitabo	Ico gitabo ´ntikiráashíra?	Caárashíze.
ibitabo	Ivyo bitabo ´ntibiráashíra?	Vyaárashíze.
impuúzu	Izo mpuúzu ´ntiziráashíra?	Zaárashíze.
icí	Iri cí ´ntiriráashíra?	Rizooshira vubá.

agataási	Aka gataási ´ntikaráashíra?	Kazooshira vubá.
ivyoóndo	Ivyo vyoóndo ´ntibiráashíra?	Bizooshira vubá.
inkoofeero	Iyo nkoofeero ´ntiráashíra?	Yaráshize.
umúunyu	Uyo múunyu ´nturáashíra?	Waráshize.
isábuné	Iyo sábuné ´ntiráashíra?	Yaráshize.
ubúro	Ubwo búro ´ntiburáashíra?	Bwaárashíze.
ibijuumpu	Ivyo bijuumpu ´ntibiráashíra?	Vyaárashíze.

[NB The loss of high tone on /ráa/ when the preceding /ńti/ is high, cf. Unit 13, Note 1.]

Exercise 3. Persistive tense, affirmative question vs. negative answer.

	'Is that water still boiling?'	'That water is no longer boiling.'
kubira	Yáa máaz$_i$ aracáabira?	Yáa máazi ´ntakibira.
kunywá	Umwáana aracáanyw$_a$´ amáazi?	Umwáana ´ntakinyw$_a$ amáazi.
kurima	Yohaán$_i$ aracáarim$_a$ intore?	Yohaáni ´ntakirim$_a$ intore.
kuroreera	Shóobuj$_a$ aracáaroreera?	Shóobuja ´ntagiroreera.
gusoma	Umunyéeshuúr$_e$ aracáasoma?	Umunyéeshuúre ´ntagisoma.
kuvúga	I 'radi$_o$' iracáavúga?	I 'radio' ´ntikivuga.
kuryáama	Umwáan$_a$ aracáaryáamye?	Umwáana ´ntakiryaamye.
gucúra	Yohaáni aracáacúra?	Yohaáni ´ntagicura.
gukóreesha	Uracáakóreesh$_a$ iyo sábuné?	Singikoreesh$_a$ iyi sábuné.

gushúuha	Haanzé haracáashúushe?	Haanzé ´ntihagishuushe.
kugwa	Imvúr$_a$ iracáagwa?	Imvúra ´ntikigwa.

Exercise 4. Persistive tense, autonomous.

kubá	Ntaa wukíri mu biro.	There is no-one (who is) still in the office.
kumenya	Ntaa wukímeny$_a$ inzira.	There is no longer anyone who knows the way.
kuba	Ntaa wukíhaba.	No-one lives there any longer.
kuuza	Ntaa wukíiza.	No-one comes any more.
gushaaka	Ntaa wugíshaak$_a$ inzǒga.	No-one wants beer any longer.
kwúubaka	Ntaa wucúubaka gútyo.	Nobody builds in this fashion any more.
kuúmfasha	Ntaa wukíimfasha.	No-one helps me any more.
kugaruka	Ntaa wukígaruka.	No-one comes back any more.
gufíta	Ntaa wugífis$_e$ umudúga.	No-one has a car any more.
kubóneka	Ntaa wukíboneka mur$_{\acute{i}}$ iyi miísi.	We don't see anyone any more these days.

Exercise 5. Demonstratives with /~no/.

	'These clothes are expensive.'	'The expensives ones are here.'
impuúzu	Zíno mpuúzu ziraziimvye.	Izizíimvye ziri háno.
urubáangaangwé	Rúno rubáangaangwé ruraziimvye.	Uruzíimvye ruri háno.

igitàambara	Kíno gitàambara kiraziimvye.	Ikizíimvy$_e$ kiri háno.
izíiko	Ríno zíiko riraziimvye.	Irizíimvy$_e$ riri háno.
ibǐti	Bíno bití biraziimvye.	Ibizíimvy$_e$ biri háno.
umudúga	Unó mudúg$_a$ uraziimvye.	Uwuzíimvy$_e$ uri háno.
inzu	Inó nz$_u$ iraziimvye.	Iyizíimvy$_e$ iri háno.
améezá	Anó méez$_{\acute{a}}$ araziimvye.	Ayazíimvy$_e$ ari háno.
inkoofeero	Inó nkoofeer$_o$ iraziimvye.	Iyizíimvy$_e$ iri háno.
ishu	Inó sh$_u$ iraziimvye.	Iyizíimvy$_e$ iri háno.

Exercise 6. Possessives used as substantives.

a.	'Where are the ones (Cl. 10) that pertain to the bank?'	'Where are the ones (Cl. 8) that pertain to the bank?'
ibaánki	Iz$_a$ íbaánki zirǐhe?	Ivy$_a$ íbaánki birǐhe?
inoóti	Iz$_a$ ínoóti zirǐhe?	Ivy$_a$ ínoóti birǐhe?
impuúzu	Iz$_a$ ímpuúzu zirǐhe?	Ivy$_a$ ímpuúzu birǐhe?
urusháaná	Iz$_a$ úrusháaná zirǐhe?	Ivy$_a$ úrusháaná birǐhe?

b.

icí	Iz$_a$ íicí zirǐhe?	Ivy$_a$ íicí birǐhe?
izíiko	Iz$_a$ íizíiko zirǐhe?	Ivy$_a$ íizíiko birǐhe?
ishímiízi	Iz$_a$ íishímiízi zirǐhe?	Ivy$_a$ íishímiízi birǐhe?

c.

kare	Izaa kare zirǐhe?	Ivyaa kare birǐhe?
Yóhaáni	Izaa Yóhaáni zirǐhe?	Ivyaa Yóhaáni birǐhe?
Bujuumbura	Izaa Bujuumbura zirǐhe?	Ivyaa Bujuumbura birǐhe?

d.

vubá	Izaa vúba zirǐhe?	Ivyaa vúba birǐhe?
ubu	Iz$\underset{a}{u}$ úbu zirǐhe?	Ivy$\underset{a}{u}$ úbu birǐhe?
ejo	Iz$\underset{a}{e}$ éjo zirǐhe?	Ivy$\underset{a}{e}$ éjo birǐhe?
uyu mwáaka	Iz$\underset{a}{u}$ úyu mwáaka zirǐhe?	Ivy$\underset{a}{u}$ úyu mwáaka birǐhe?

[After each section of this exercise has been practiced separately, it should be combined with the section(s) that preceded it.]

Exercise 7. Ways of using /atári/.

Afis$_{é}$ amafaraanga meénshi?	Does he have much money?
Atári impuúzu ´ntaa kiíndi afisé.	He has nothing except [his] clothes.
Aja mu kazi mu gitóondo?	
Atári ku musáse ´ntaajá mu kazi.	
Nshaaka kumenya néezá ONU.	I want to get acquainted with the UN.
Atár$_{i}$ ukuj$_{a}$ i 'New York', ´ntaa kiíndi wookorá.	There is no way except to go to New York.

Niind´$_e$ azóonkórer$_a$ imáshiíni?	Who will repair the machine for me?
Atári Yohaáni ´ntaa wuúnd$_i$ abiízi.	No one knows [about] it except John.

Exercise 8. The non-concordial 'semi-verbal' forms.

	'I see that there are a lot of clouds.'	'There are many clouds.'
ibicu	Mboony$_e$ ibic$_u$ arí vyiínshi.	Ibicu ´ni vyiínshi.
uducu	Mboony$_e$ uduc$_u$ arí twiínshi.	Uducu ´ni twiínshi.
ivyoóndo	Mboony$_e$ ivyoóndo arí vyiínshi.	Ivyoóndo ´ni vyiínshi.
ubushaza		
ibijuumpu		
indyá		
imikáaté		
ingurube		
amăgi		
izúuba		
amafaraanga		
amakára		

[The student should write out the remaining sentences in this exercise, showing vowel length and tone, and then practice the completed exercise in the usual manner.]

Exercise 9. Subjunctive as main verb. The verb /-ja/ plus infinitive.

	'What shall I go and do?'	'Go take the children for a walk.'
	Njé gukór$_a$ ikí?	Ja gutéemberez$_a$ abáana.
we	Ajé gukór$_a$ ikí?	Ajé gutéemberez$_a$ abáana.
kugura	Ajé kugur$_a$ ikí?	Ajé kugur$_a$ ibiriíbwa.
bo	Bajé kugur$_a$ ikí?	Bajé kugur$_a$ ibiriíbwa.
gufáta	Bajé gufát$_a$ ikí?	Bajé gufát$_a$ ibiriíbwa.
twéebwé	Tujé gufát$_a$ ikí?	Tujé gufát$_a$ ibiriíbwa.
gukóra	Tujé gukór$_a$ ikí?	Tujé gutéek$_a$ ibiriíbwa.

Exercise 10. Based on Stc. 1, use of participial verbs after /-hava/.

	'I'm going to the market?	'I'm going to go [somewhat later] to the market.
kugeenda	Mpava ngéenda kw iisǒko.	Nzoohava ngéenda kw iisǒko.
kwaandika	Mpava náandika ikeéte rijá kwaa múrumunaanje.	Nzoohava
kugwa	Imvúr$_a$ ihav$_a$ igwá ku mugórooba.	Imvúr$_a$ izoohav$_a$
kuruhuuka	Mpava ndúhuuka mvúuye kw iisǒko.	Nzoohava

kubóneka	Izúuba rihava ríbonek$_a$ inyuma ya sáa sǐta.	Izúuba rizoohava
gusoma	Mpava nsóma rírya keéte.	Nzoohava
kugerageza	Mpava ngérageza kwóoz$_a$ inzu.	Nzoohava
kubíba	Mpava mbíb$_a$ ayo masáka.	Nzoohava

[The student should write out the rest of Column 3, showing tone and vowel length, and then use the exercise for drill.]

Exercise 11. The construction of Sentence 2.

	'I'll send him [to get] oranges.'	'He won't get any.' ('There are none that he will get.')
imicúungwá	Mpava mútum$_a$ imicúungwá.	´Ntay$_o$ aroonká.
wewé	Mpava ngútum$_a$ imicúungwá.	´Ntayo ndoonká.
intoofanyi	Mpava ngútum$_a$ intoofanyi.	´Ntazo ndoonká.
bo	Mpava mbátum$_a$ intoofanyi.	´Ntazo baroonká.
inánaási	Mpava mbátum$_a$ inánaási.	´Ntazo baroonká.
mwéebwé	Mpava mbátum$_a$ inánaási.	´Ntazo turoonká.
ibigóori	Mpava mbátum$_a$ ibigóori.	´Ntavyo turoonká.
wewé	Mpava ngútum$_a$ ibigóori.	´Ntavyo ndoonká.
amakára	Mpava ngútum$_a$ amakára.	´Ntayo ndôonká.
bo	Mpava mbátum$_a$ amakára.	´Ntayo b aroonká.

imyeembe	Mpava mbátum$_a$ imyeembe.	´Ntayo baroonká.
wé	Mpava mútum$_a$ imyeémbe.	´Ntay$_o$ aroonká.
imicúungwá	Mpava mútum$_a$ imicúungwá.	´Ntay$_o$ aroonká.

Exercise 12. Immediate vs. persistive tenses, negative.

	'Isn't the maize ripe?'	'It isn't ripe yet.'
kwéera	Ibigóori ´ntivyeezé?	Ntibíreera.
intoofanyi	Intoofanyi ´ntizeezé?	Ntizíreera.
gushá	Intoofanyi ´ntizihiiyé?	´Ntiziráashá.
imǐhwi	Imǐhwi ´ntihiiyé?	´Ntiráashá.
guhéra	Imǐhwi ´ntihezé?	´Ntiráahéra.
inzǒga	Inzǒga ´ntihezé?	´Ntiráahéra.
gushíra	Inzǒga ´ntishizé?	´Ntiráashíra.
inánaási	Inánaási ´ntizishizé?	´Ntiziráashíra.
kuziimbuuka	Inánaási ´ntiziziimbúutse?	´Ntiziráaziimbuuka.
imicúungwá	Imicúungwá ´ntiziimbúutse?	´Ntiráaziimbuuka.
kuziimba	Imicúungwá ´ntiziimvyé?	´Ntiráaziimba.

Exercise 13. Random substitution based on Sentence 5. [The tutor should read aloud the underlined portion of each sentence, and the student should reply with the entire sentence.]

Nshaásha ´nazó ziracáari mu myóonga.	The new ones are still in the valleys.
Bitoóto ´navyó biracáari mu myóonga.	The new/soft green ones are still in the valley.

Bitoóto ´navyó biracáari kw iisǒko.	There are still new ones at the market.
Indagara ´nazó ziracáari kw iisǒko.	There are still little fish at the market.
Abaantu baracáageenda kw iisǒko.	People are still going to the market.
Abaantu baracáari ku kibaánza.	People are still at the square.
Abaantu barikó barageenda ku kibaánza.	People are still going to the market.
Abaantu barikó baravúg$_a$ icóongerezá ciínshi.	People still speak a lot of English.
Abashaásha barikó baravúg$_a$ icóongerezá ciínshi.	
Abashaásha baracáari ku kibaánza.	
Nshaásha ´nazó ziracáari ku kibaánza.	
Nshaásha ´nazó ziracáari mu myóonga.	

Exercise 14. Alternate substitution drill based on Sentence 14.

'You won't find any corn except in June.'

	Ntaa bigóor$_i$ uzóobón$_a$ atári mu kwaa gátaandátu.
intore	Ntaa ntor$_e$ uzóobón$_a$ atári mu kwaa gátaandátu.
kuroonka	Ntaa ntor$_e$ uzóoróonk$_a$ atári mu kwaa gataandátu.
amahera	Ntaa maher$_a$ uzóoróonk$_a$ atári mu kwaa gataandátu.

guhá	Ntaa maher$_a$ uzóomuhá atári mu kwaa gátaandátu.
umwaánya	Ntaa mwaány$_a$ uzóomuh$_a$´ atári mu kwaa gátaandátu.
kuroonka	Ntaa mwaány$_a$ uzóoróonk$_a$ atári mu kwaa gátaandátu.
ivyeéte	Ntaa vyeét$_e$ uzóoróonk$_a$ atári mu kwaa gátaandátu.

Exercise 15. Indicative vs. relative of progressive, based on Sentence 15.

Barikó barabíb$_a$ amasǎka.

Amasǎka barikó barabíba ´ni meezá?

[The student or the instructor may complete this exercise, using other verb-object combinations from among those that the student has already met.]

Exercise 16. The use of /umeenga/, based on Sentence 17.

I Bujuumbura harashúushe.

I Bujuumbur$_a$ umeenga harashúushe.

[The student should practice placing /umeenga/ in sentences, using material from preceding units.]

Practice conversations.

1. A conversation in which A asks B whether he has seen any potatoes at the market recently. B replies that he has been there but hasn't seen any. A asks why. B says it is because the stored ones are all gone, and the new ones aren't ready yet.

2. A conversation in which A asks B about certain crops and whether they are grown in the U.S. B replies that they are not grown much, but that corn is more common. A asks what we do with our corn. B replies that some is used for fodder and some for food.

3. A conversation in which A asks whether cotton is grown in the U.S. B replies that it is, mainly in the south. A asks about rice, and gets the same answer.

Free conversation.

1. Ask a speaker of Kirundi about the differences between the economy of Burundi and the economy of Rwanda.

2. Speak for two minutes on the economy of your home state. (For this purpose, it may be necessary to use some nouns that are not in this book.)

UNIT 24

BASIC DIALOGUE

GEOGRAPHY OF BURUNDI

1A	Wavúuye mu Kiruundo ryáarí?	When did you come from Kirundo?
2B	Najé hiírya y$_a$ eéjo aríko nzooca nsúbirayó vubá.	I came the day before yesterday, but I'll be going back soon.
3A	Izúuba ry$_a$ íwaányu nuumva ngo ´ni nk$_a$ íryaa Bujuumbura.	I hear that the heat ('the sun') over there ('at your place') is comparable to that of Bujumbura.
4A	Rimeze gǔte?	What is it like?
	akéezá (12)	beauty
5B	Eka ´ntaa keezá káruta Bujuumbura.	There's no difference from Bujumbura.
	ubushuúhe (14)	heat
6B	Kaándi n$_a$ úbushuúhe bwó mw iijoro ´nicó kimwé.	And the heat at night is the same.
	ubwo	(a question word) used in asking for verification
	-téera (-téeye)	to cause
	-téerwa (-téewe)	to be caused
	ikiyága (7, 8)	lake

7A	Ubwo ´ntihateerwá gushúuha na bírya biyága?	Isn't it heated by those lakes?
	haasí	down, below
8B	Eegó kaándi ngira ngo ´n$_i$ n$_a$ úuk$_o$´ arí haasí.	Well, yes, and the low altitude, I guess. ('that being-low')
	inyoni (9, 10)	bird
9A	Nagoomba kuja kuraab$_a$ inyoni zó kurí Rwiihíinda, aríko siinz$_i$´ ukwéezi zibá záagarutse.	I'd like to go to see the birds at [Lake] Rwihinda but I don't know [which] month they [should] be back. ('...they are they-having-returned')
10B	Ni mu cí.	It's [in] icí.
	ni náho	in addition
	ishaamba (5, 6)	jungle, rain forest
	umupáka (3, 4)	border, boundary
11B	Ninaho´ hamezé néezá hó kuraab$_a$ ishaamba ryó ku mupáka.	Besides, [the weather] is nice for visiting the rain forest of the [eastern] border.
	-jaanwa (-jaanywe)	to be brought
12A	Umuunt$_u$ ajáanywe n$_a$ úgutéembeera yoocǎhe?	Which way would a person go if he were on a tour?
	-búra (-búze)	to lack, fail to find

	vya	(here: 'the area around')
13B	Usháatse, mu vyaa Kayaanza, i Ngoozi, ahó woobon$_{á}$ abaantu babur$_{á}$ ahó buubáka n$_a$ (a)ahó barimá.	If you wish, through the Kayanza area, Ngozi, (there) [where] you would see people who are lacking [space] (where) to build [houses] and to farm.
	-íihariza (-íiharije)	to have a thing by oneself
	i baa (=mu vyaa)	
	igikóokó (7, 8)	wild animal
14B	Ukazòohiindukira i baa Gítega, Burǔri, Makáamba, ah$_{ó}$ uzóosáang$_a$ inká n$_a$ íbikóok$_{ó}$ arí vyo vyiihárij$_e$ amashaamba.	Then you would ('will') come back near/thru Gitega, Bururi, and Makamba, (there) [where] you would find cattle and wild animals living by themselves.
	-geza (-gejeje)	to escort to a determined point, to test, to try
15A	Aríko ububushuúhe bwaa Bujuumbura buuza kuungeza kure.	But the heat of Bujumbura is about to drive me away.
	haruguru	up there
	-íipfuuza (-íipfuujije)	to wish (for)
	~kéeyá	few

16B	N_{i} ibiromeetéro bikéey$_{\acute{a}}$ ugeendá gushika hárya haruguru mu misózi ukaca wíipfuuz$_{a}$ ikikúgarukana.	After you have gone some kilometers into the mountain, you will wish for something to make you return [from the mountains].
	ikibira (7, 8)	dense forest
17A	´Nahaándi nyéne kírya kibira kó nkibonéra kure kimeze gǐte?	By the way, that dense forest that I [always] see from a distance — what is it like?
	-pfúka (-pfútse)	to be fresh, cool
	akóogo (12, 13)	small stream
	-hanaantuka (-hanaantutse)	to fall from high above
	ibuye (5, 6)	stone
18B	Harapfútse, har_{i} $imisóz_{i}$ itaandúkaanywa n_{a} úutwóogo duhanáantuka ku mabuye.	The air is fresh ('there is fresh'), [and] there are mountains (which are) separated by small streams which cascade down over the rocks.
	ijíisho (5, 6)	eye
19B	Eka hararyóohey$_{e}$ ijíisho.	It's a lovely view!
	hagǎti (9)	in the middle of

20A	Mbég$_a$ imisózi yó hagatí mu gihúg$_u$ imeze nk$_a$ iíyi mboná heejuru ya Bujuumbura?	Are the mountains (of) in the middle of the country like those I see above Bujumbura?
21B	Oya, iyó hagatí ntíri heejuru caane.	No, the ones in the interior aren't very high.
	inzúuzi (9, 10)	large river (cf. /urúuzi/ 'river')
22A	Nooné ´ntaa nzúuzi níni zírihó?	And aren't there some large rivers?
23B	Harihó Ruvǔbu na Rúvyiróonza, ´naz$_{\acute{o}}$ iziíndi ´ni ntóontó.	There are the Ruvubu and the Ruvyironza; the others are small.

Supplementary vocabulary. Some common fauna.

Ntaa ntáre nyiínshi zir$_{\acute{i}}$ i Buruúndi.		'There are not many lions (which are) in Burundi.'
intáre	(9, 10)	lion
ingwe	(9, 10)	leopard
ingúge	(9, 10)	monkey
ingoona	(9, 10)	crocodile
imfyísi	(9, 10)	hyena

umuswá	(3)	white ants
intózi	(10)	army ants
urunyegeri	(11, 14)	small, black ant
impoongo		antelope
ingerégere		gazelle
igitáangurirwá		spider
imvúbu		hippo

Harih$_{\acute{o}}$ impoong$_{o}$ i Buruúnd$_{i}$ aríko ´si nyiínshi caane.

'There are some antelope in Burundi, but they aren't very numerous.

Harih$_{\acute{o}}$ imvúbu murí Ruvúbu.

'There are hippo in Ruvubu.'

Harih$_{\acute{o}}$ imfyísi mu mashaamba yó ku mupáka.

'There are hyenas in the forests along ('of') the border.'

Harih$_{\acute{o}}$ inzovu mu kiyaaya caa Rúsiízi.

'There are elephants in the plain of Rusizi.

1. The verb /-ca/ followed by a participial form.

Sentence 2 contains the phrase:

...aríko nzooca nsúbirayó vubá. ...but I'll be going back soon.

Compare also, in the supplementary dialogues for Unit 12:

Utáambutse rǐrya, uc$_{a}$ ubóna...	[When] you have crossed that one, you'll then see...

Further examples are the following:

Nzooca ngéend$_{a}$ i muhǐra.	and then I will go home
Nca ndámubarir$_{a}$ ayo majaambo.	Then I will tell him these words.
Nacíiye ngéenda kwa Yóhaáni.	and then I went...
Mpéjeje nca ngéenda kwa Y.	When I finish, I (will) go...
Mpéjeje nkageend$_{a}$ i muhǐra.	When(ever) I finished, I used to go home.
Navúuye kw iisǒko, nca ngèenda kwa Yóhaáni.	When I came from the market, I then went to John's [once].
Ngeenda kw iisǒko, haanyuma nce ngéenda kwa Y.	I will go to the market, and afterward I'll go to John's.
Ngeenda kw iisǒko, nkaca ngéenda...	I go to the market, and then I go... (habitual)

Without a large number of further examples, it is impossible to give a full description of these constructions, which involve the use of the verb /-ca/ plus some form of another verb. It is possible to point out, however, that in all of these examples except one, the second verb is participial in form. As far as meaning is concerned, the verb phrase with /-ca/

usually refers to an action that was begun after the completion of the action of the preceding clause. [For practice with this construction, see Exercise 4.]

2. The verb /-ba/ followed by a participial form.

Sentence 9 contains the following construction:

...zibá záagarutse	[at which] they should (have) return(ed)

Compare also Unit 11, Sentence 8:

Uzoob$_{a}$ ushítsěho.	You will be there ('You will be you-having-arrived there.')

In both these sentences, a form of the verb /-ba/ is followed by a participial form of some other verb.

The English translation for this construction varies, in part according to the tense of the form of /-ba/. When the /-zoo-/ tense is used, the meaning is not unlike an English future perfect tense ('will have ________'). When /-ba/ is in the immediate tense, the English translation may be with 'should', or may refer to the regular time [e. g. in each year, week, semester] at which a certain action or process is ordinarily completed. The following are further examples:

Azooba yáaguz$_{e}$ ibitabo.	He will have bought books.
Aba yáaguz$_{e}$ ibitabo.	He should have bought the books. or: He has [regularly] bought his books [e. g. by the end of the first week of class].

N$_{i}$ uk$_{\acute{o}}$ arwaayé, aba yáagiiye kw iishuúre.	If he hadn't been ill, he would have gone to school.

[For practice with this construction, see Exercise 5.]

3. The word /´ni/ plus /uko/ plus a clause.

Sentence 8 contains the phrase:

n$_{i}$ uk$_{o}$ arí haasí

In this phrase the verb is relative in form. Clauses of this kind seem to have a causative meaning ('since', 'because'), but again, paucity of examples makes further discussion impossible.

4. The word /kimwé/.

This word, contained in Sentence 6 of the dialogue for this unit, is of course the adjective root /˜mwé/ 'one' with the prefix for Class 7. In this sentence, there is no noun of the same class with which it can be said to be in agreement. Presumably if such a noun did stand before /kimwé/, it would be /ikiintu/ 'thing'. In any case, the use of /kimwé/ in this and similar constructions, corresponds fairly closely to English 'the same thing'.

5. The word /hagăti/~/hagatí/.

This word is used in three ways:

(1) With one noun following it:

...hagatí mu gihúgu...	...in the middle of the country...

Here, /hagatí/ is followed by /mu/, and is translated 'in the middle/midst of...'

(2) With two nouns following it:

Muraamvya iri hagatí ya Bujuumbura na Ngoozi.	Muramvya is between Bujumbura and Ngozi.

Here, /hagatí/ is treated like a noun of Class 9, being followed by /ya/.

(3) Not followed by a noun:

iyó hagatí...	those (Cl. 4) in the interior or: those [which are] between

[For practice with /hagatí/ in the second of these uses, see Exercise 9.]

Exercise 1. Changes of tense, mood and person, based on Sentences 1 and 2.

	'Did you leave Kirundo the day before yesterday?'	'I came the day before yesterday.'
	Wavúuye mu Kiruundo hiírya yeéjo?	Najé hiírya yeéjo.
ejo	Wavúuye mu Kiruundo ejo?	Najé ejo.
uyu muúsi	Wavuuye mu Kiruundo uyu muúsi?	Naje uyu muúsi.
kubíba	Wayabivye uyu muúsi?	Nayabivye uyu muúsi.
ku waambere	Wayábivye ku waambere?	Nayábivye ku waambere.

´niindé	´Niindé yayábivye ku waambere?	Nije (or: Ni jeewé) nayábivye ku waambere.
hiírya yeéjo	´Niindé yayábivye hiírya yeéjo?	Nije nayábivye hiírya yeéjo.
uyu muúsi	´Niindé yayabivy$_{\acute{e}}$ uyu muúsi?	Nije nayabivy$_{\acute{e}}$ uyu muúsi.
kumútuma	´Niindé yamutumyé mu Kiruund uyu muúsi?	Nije namutumy$_{\acute{e}}$ uyu muúsi.
ejo	´Niindé yamútumye mu Kiruund$_{o}$ éjo?	Nije namútumy$_{e}$ éjo.

Exercise 2. Based on Sentence 3, substitute nouns and also possessive plural personal pronouns.

'The sun at your place is like that of Bujumbura.'

↓	Izúuba ry$_{a}$ íwaányu ´ni nk$_{a}$ íryaa Bujuumbura.
jeewé	Izúuba ry$_{a}$ íwaácu ´ni nk$_{a}$ íryaa Bujuumbura.
ubushuúhe	Ubushuúhe bw$_{a}$ íwaácu ´ni nk$_{a}$ úbwaa Bujuumbura.
bo	Ubushuúhe bw$_{a}$ íwaábo ´ni nk$_{a}$ úbwaa Bujuumbura.
imvúra	Imvúra y$_{a}$ íwaábo ´ni nk$_{a}$ íya Bujuumbura.
wewé	Imvúra y$_{a}$ íwaányu ´ni nk$_{a}$ íya Bujuumbura.
baantu	Abaantu b$_{a}$ íwaányu ´ni nk$_{a}$ ábaa Bujuumbura.
jeewé	Abaantu b$_{a}$ íwaácu ´ni nk$_{a}$ ábaa Bujuumbura.
amashuúre	Amashúure y$_{a}$ íwaácu ´ni nk$_{a}$ áya Bujuumbura.

bo	Amashúure y$_a$ íwaábo ´ni nk$_a$ áya Bujuumbura.
ibifuúngurwa	Ibifuúngurwa vy$_a$ íwaábo ´ni nk$_a$ ívyaa Bujuumbura.
jeewé	Ibifuúngurwa vy$_a$ íwaácu ´ni nk$_a$ ívyaa Bujuumbura.

Exercise 3. Concordial agreement, based on Sentences 3, 4.

'What is the sun like at your place/in your part of the world?'

izúuba	Izúuba ry$_a$ íwaányu rimeze gǔte?
amashuúre	Amashuúre y$_a$ íwaány$_u$ ameze gǔte?
inzúuzi	Inzúuzi z$_a$ íwaányu zimeze gǔte?
ibibira	Ibibira vy$_a$ íwaányu bimeze gǔte?
inyoni	Inyoni z$_a$ íwaányu zimeze gǔte?
ibikóokó	Ibikóokó vy$_a$ íwaányu bimeze gǔte?
ibiyága	Ibiyága vy$_a$ íwaányu bimeze gǔte?
ubushuúhe	Ubushuúhe bw$_a$ íwaányu bumeze gǔte?
imisózi	Imisózi y$_a$ íwaány$_u$ imeze gǔte?
abaantu	Abaantu b$_a$ íwaányu bameze gǔte?

Exercise 4. /-ca/ plus participial verbs.

Ukwéezi gúshiz$_e$, uzoojǎhe?	Where are you going after the end of the month?
Nzooca nsúbira ku kazi.	I'll go back to work.
Ni wáheza kwóoz$_a$ inz$_u$ ukor$_a$ ikí?	What will you do when you've finished washing the floor?

Nca ngéenda kw iisǒko.	I'll go to market.
Woomény$_a$ ururími wookor$_a$ ikí?	What would you do if you knew the language?
Nooca ntáangura kwíig$_a$ ibiíndi.	I'd then begin to study other things.
Yoozan$_{\acute{a}}$ amagí woomuh$_a$ ikí?	What would you do if he brought eggs?
Nooca ndámuh$_a$ amafaraanga.	I'd give him some money.
Iy$_{\acute{o}}$ atageendá wari kumugir$_a$ úte?	What would you have done to him if he hadn't gone?
Nacá ndámuh$_a$ akaándi kazi.	I would have given him other work.

Exercise 5. /-bá/ plus participial verb, vs. inceptive negative.

Ziba záagarutse mur$_{\acute{i}}$ uuku kwéezi.	They (Cl. 10) should have come back this month.
Ntiziráagaruka.	They haven't come back yet.
Ziba zéeze mur$_{\acute{i}}$ uuku kwéezi.	They (Cl. 10) should have gotten ripe this month.
Ntiziréera.	They aren't ripe yet.
Imvúra iba yáatáanguye kugwa mur$_{\acute{i}}$ uuku kwéezi.	The rain should have begun this month.
Ntiráagwa.	It hasn't fallen yet.

Haba háatáanguye gushúuha mur$_{\acute{i}}$ uuku kwéezi.	It should have begun to get hot this month.
Ntiharáashúuha.	It hasn't gotten hot yet.
Intoofanyi ziba záashíze mur$_{\acute{i}}$ uuku kwéezi.	[The supply of] potatoes should have run out this month.
Ntiziráashíra.	It hasn't run out yet.

Exercise 6. Sentences that contain /˜ó/ plus /ku/ plus a noun of location. (Based on Sentence 11.)

	'We will look at the forests of the border.'
umupáka	Tuzooraab$_a$ ishaamba ryó ku mupáka.
imisózi	Tuzooraab$_a$ imisózi yó ku mupáka.
i Kibira	Tuzooraab$_a$ imisózi yo mu Kibira.
inzúuzi	Tuzooraab$_a$ inzúuzi zó mu Kibira.
igihúgu	Tuzooraab$_a$ inzúuzi zó hagatí mu gihúgu.
abaantu	Tuzooraab$_a$ abaantu bó hagatí mu gihúgu.
i Koóngo	Tuzooraab$_a$ abaantu bó murí Koóngo.
indími	Tuzooraab$_a$ indími zó murí Koóngo.
i Bugáandé	Tuzooraab$_a$ indími z$_a$ í Bugáandé.
ibisagára	Tuzooraab$_a$ ibisagára vy$_a$ í Bugáandé.
i Tanganyiká	Tuzooraab$_a$ ibiságara vyó murí Tanganyiká.
indími	Tuzooraab$_a$ indími zó murí Tanganyiká.

Exercise 7. Sentences to illustrate the use of /-íihariza/, based on Sentence 14.

Iyi nz$_{u}$ arayíihárije.	He has the house to himself.
Ni kukí yiihárij$_{e}$ iyo nzu yóóse?	Why does he have the whole house to himself?
Niindé yiihárij$_{e}$ inzu?	Who has a house to himself?
Yohaáni yiiharij$_{e}$ aryá máangaziíni yóóse.	John owns all those stores (by) himself.
Abavúukanyi babiri biiharij$_{e}$ aryá máangaziíni yóóse.	Two brothers own all those stores (by) themselves.
Nitwe twiihárij$_{e}$ aryá máangaziíni yóóse.	We are the ones who...
Nimwe mwiihárij$_{e}$ aryá máangaziíni yóóse?	Are you the ones who...
Nibó biihárij$_{e}$ aryá máangaziíni yóóse?	Are they the ones who...

Exercise 8. Sentences with /-íipfuuza/, based on Sentence 16.

a. With autonomous complement.

Wiipfuuz$_{a}$ ikikúgarukana? or: Wiipfuuz$_{a}$ icoókugarukana?	Do you wish for some means/way/occasion to come back?
Niipfuuz$_{a}$ ikiíngarukana. or: Niipfuuz$_{a}$ icoóngarukana.	I wish for some means/way/occasion to come back.
Niipfuuz$_{a}$ uwoómp$_{a}$ akazi.	I wish for someone who would give me work.

Yiipfuuz$_a$ uwoómuh$_a$ akazi.	He wishes for someone who would give him work.

b. With infinitive complement.

Yiipfuuza kuv$_a$ i Mbo.	He wishes to leave Mbo.
Yiipfuuza kugur$_a$ inzu.	He wishes to buy a house.
Yiipfuuza kuraab$_a$ inyoni.	He wishes to look at the birds.

Exercise 9. /hagatí/ plus two nouns: a lesson in the geography of Burundi. [Students should look at maps, and not at this page.]

Muraamvya	Muraamvy$_a$ iri hagatí ya Bujuumbura na Ngozi.
Ngoozi	Ngoozi iri hagatí ya Muraamya na Bútare.
Gitéga	Gitéga iri hagatí ya Muraamvya na Rúyigi.
Kigáli	Kigáli iri hagatí yá Nyaánza na Byuumba.
Uburuúndi	Uburuúndi buri hagatí y$_a$ í Koóngo na Tanganyiká.
Urwaanda	Urwaanda ruri hagatí y$_a$ Úburuúndi n$_a$ Úbugáandé.

Exercise 10. Random substitution, based on Sentence 21.

Iyó hagatí ´ntirí heejuru caane.	Those (Cl. 4, e. g. hills) in the central part are not very high.
Imisózi y$_a$ í Ngoozi ´ntirí heejuru caane.	The mountains of Ngozi aren't very high.
Imisózi y$_a$ í Ngoozi ´ntifis$_{\acute{e}}$ amashaamba meénshi?	Don't the mountains of Ngozi have many forests?

Imisózi y_a í Ngoozi ´ntifis$_{\acute{e}}$ intáre?	Don't the mountains of Ngozi have(many)lions?
Mu mashaamba yó ku mupáka ´hari intáre.	In the forests of the borders, there are lions.
Mu mashaamba yó ku mupáka ´har imfyísi.	In the rain forests of the borders, there are hyenas.
Mu mashaamba yó ku mupáka ´ntaa nzovu ziharí.	In the rain forests of the borders, there are no elephants.
Hagatí mu gihúgu ´ntaa nzovu ziharí.	In the center of the country, there are no elephants.

Practice conversations.

1. A conversation in which A asks about the climate in B's home state. B replies briefly. A responds by comparing it with some other state. B makes a non-committal rejoinder.

2. A conversation in which A (an American) is trying to persuade B to study in some one particular part of the United States on account of the pleasant weather, scenery, etc.

3. A conversation in which A has just returned from a visit to a game park. B asks about what he saw there.

Free conversations.

1. Plan a vacation itinerary from your present location to Denver, Colorado, returning by a different route.

2. Answer questions about a non-African country that you have visited.

UNIT 25

BASIC DIALOGUE

1A	Vyooba vyiizá ng$_o$ umuús$_i$ umw$_{\acute{e}}$ ushiké kuturaab$_a$ i muhǐra.	It would be [very] nice if you would come to visit us (at home) some day.
	-geza (-gejeje)	to try
2B	Nzoogeza kuuza.	I'll try to come.
3B	Nzooza nka ryáarí?	About when shall I come?
4A	Uraaza ku muúsi wa Muúngu.	[What about] (you come on) Sunday?
5B	Urakóze.	Thanks.

[On Sunday at A's house.]

6B	Ndagize bwaakéeye.	Good morning!
7A	Bwaakéeye néezá.	Good morning!
8A	Shika.	Come in.
9A	Uyu ´n$_i$ umugeenzi waanje Mariyá.	This is my wife Mary.
10A	Aba ´n$_i$ aabáana báacu Yohaáni n$_a$ Anyéesi.	These are our children John and Agnes.

[B greets the children. This greeting is probably not formal enough for use with adults.)

11B	Uraaho ga Yohaá?	How are you, John?
12B	Uraaho g$_a$ Anyé?	How are you, Agnes?

13A	Shika haasí. Icara haasí.	Sit down!
14B	Urakóze.	Thank you.
	amakŭru (6)	news
15B	Ayaándi makŭru?	What is news?
	amareembe (6)	peace, tranquility
16A	´N$_i$ amareembe.	Everything is all right.
17A	Turóoroshe.	We're in good health.
18A	Unyw$_a$ ikí?	What do you drink?
19B	Coca-Cola.	Coca-Cola.
20A	´Ntuunyw$_a$´ inzògá?	Don't you drink beer?
21B	Ni wabá uyífise ´ni vyiizá.	If you have it, that's fine.
	Mbabarira ´sinyw$_a$´ inzŏga.	Please excuse me, I don't drink beer.

[B looks around the room and comments.]

22B	Uráazi gutóor$_a$ ibiintu vyiizá!	You know how to choose nice things!
	akabaati (12, 14)	closet, cupboard
23B	Nk$_a$´ aka kabaati wakáguzĕhe?	Where did you buy this cupboard, for instance?
	umufreére (1, 2)	[religious] brother
24A	Nakáguze mu Kaameenge ku bafreére.	I bought it in Kamenge at the [religious] brothers.

25B	Barakóra néezá.	They do a good job.
	-táanga (-táanze)	to give, pay
26B	Wagátaanzek$_{\acute{o}}$ ayaángan$_{a}$ ikí?	How much did you pay for it?
27A	Ibihuumbi bibiri.	Two thousand.

[When A's children are out of earshot, B compliments A and his wife on them.]

	indèro (9, 10)	education
28B	Murafís$_{e}$ abáana barí n$_{a}$ índero nziizá.	You have very polite children.
	-rera (-reze)	to rear
29A	Turagerageza kubarera néez$_{\acute{a}}$ aríko biragooye.	We try to raise them well, but it is difficult.

[B prepares to leave.]

	-sígara (-sígaye)	
30B	Sigar$_{a}$ amahóro.	Good-bye. ('stay [in] peace')
31B	Tuzooba túbonana.	See you later. ('we will be we-seeing-one-another')
	Imáana	Supreme Being
32A	Jaana n$_{a}$ íImáana.	Good-bye ('go with God').
	Geenda amahóro.	('go [in] peace')

Supplementary vocabulary. Articles found in the house.

idirísha	(5, 6)	window
inyégamo	(9, 10)	chair
améezá	(6, 6)	table
uburiri	(14, 6)	bed
ibikóreesho vyó ku méeza	(8)	tableware
iseénge ry$_a$ ínzovu	(5)	ivory
itára	(5, 6)	lamp, candle
uruugi	(11)	door (the object)
umuryáango	(3, 4)	door (the opening)
isáandugú	(5 or 9,6)	box, chest

Oral reading practice.

[The student should read each sentence to his teacher. The teacher corrects his pronunciation, and the process is repeated until the student can read aloud perfectly. The student may then try writing the tones on the selection. The right hand column may be used for an English translation, which the student may then use as a basis for retranslation into Kirundi.]

Andereya yabajije mugeenzi we ko

umuusi umwe atooshik$_a$ i muhira iwe.

Yaramweemereye ko azooza ku muusi

wa Muungu, agiirako aramushiimira.

Ku muusi wa Muungu Yohaani yageze

kwaa mugeenziwe Andereya. Yaraboonye

umugeenzi n$_a$ abaana ba Andereya. Yohaani bamufuunguriy$_e$ inzoga araanka ngo ntay$_o$ anywa. Yanyooye Coca Cola. Amaz$_e$ umwaany$_a$ abona kaa kabaati k$_a$ Andereya, arakamushiimira, ac$_a$ amubaza niyo yakaguze. Yarashiimye n'indero y$_a$ abaana ba Andereya na Mariya.

1. The construction /´ni -ba/.

Ni wab´$_a$ uyífise...	In case you (sg.) have it,...
Ni mwaabá múyifise...	In case you (pl.) have it,...
Ni twaabá túyifise...	In case we have it,...
Ni baabá bágeenda...	In case they go,...
Ni baabá bátageendá...	In case they don't go,...
Ni baabá báagiiye...	In case they've gone... [hodiernal]
Ni baabá bázoogéenda...	In case they go later...

In the above examples, /´ni/ plus /-bá/ plus a participial form of another verb is used as shown. Compare Sentence 21 of the basic dialogue for this unit.

2. Sentences with /-ri na.../.

The construction used in the right hand column of examples is sometimes used as a synonym for /-fise/. Its literal meaning is of course 'be with,' and its usual English translation is 'have'.

Barafís$_e$ abáana babiri.   Bari ná abáana babiri.

'They have two children.'

Turafís$_e$ intoofanyi.   *Turi n$_a$ íntoofanyi.

'We have potatoes.'

Arafís$_e$ imyáak$_a$ ibiri.   *Ari n$_a$ íimyáak$_a$ ibiri.

'He is two years old.'

But this new construction with /-ri na-/ cannot be used freely in all situations and so should be used with caution. The sentences marked with an asterisk are acceptable to some speakers, but sound unnatural to others.

3. The abbreviation of personal names.

Yohaáni	...ga Yohaá? or: ga Yòhà
Mariyá	...ga Marií? or: ga Màrì
Anyéesi	...ga Anyeé? or: ga Ànyè
Andereyá	...ga Andereé? or: ga Àndèrè
ntuuzé 'what's-his-name'	...ga ntuú.

[The student should prepare a general statement about the differences in form that he observes in the two columns of data given above.]

Exercise 1. Use of /nka´/ to introduce a sentence; concord involving a demonstrative and the object prefixes of two verbs.

	'Where did you buy this cupboard, for instance?'	'I bought it here.'
akabaati	Nka áka kabaati wakáguzěhe?	Nakáguz$_e$ inó.
ububaati	Nka úbu bubaati wabúguzěhe?	Nabúguz$_e$ inó.
amééza	Nka áya méezá wayáguzěhe?	Nayáguz$_e$ inó.
inyégamo	Nka ízi nyégamo wazíguzěhe?	Nazíguz$_e$ inó.
ibikóreesho	Nka íbi bikóreesho wabíguzěhe?	Nabíguz$_e$ inó.
itára	Nka íri tára waríguzěhe?	Naríguz$_e$ inó.
amatára	Nka áya matára wayáguzěhe?	Nayáguz$_e$ inó.
isáandugú	Nka íyi sáandugú wayíguzěhe?	Nayíguz$_e$ inó.
amasáandugú	Nka áya masáandugú wayáguzěhe?	Nayáguz$_e$ inó.
uburiri	Nka úbu buriri wabúguzěhe?	Nabúguz$_e$ inó.
amariri	Nka áya mariri wayáguzěhe?	Nayáguz$_e$ inó.

Exercise 2. Use of participial form after /-abá/; placement of high tone with prefixes that consist of vowels vs. prefixes that begin with consonants.

inzǒga	Urafís$_e$ inzǒga?	´Ni wab$_{\acute{a}}$ uyífise ´ni vyiizá.
umuceri	Urafís$_e$ umuceri?	´Ni wab$_{\acute{a}}$ uwúfise ´ni vyiizá.
bó	Barafís$_e$ umuceri?	´Ni baabá báwufise ´ni vyiizá.
imbǒga	Barafís$_e$ imbǒga?	´Ni baabá bázifise ´ni vyiizá.
mwéebwé	Murafís$_e$ imbǒga?	´Ni mwaabá múzifise ´ni vyiizá.
isúkaári	Murafís$_e$ isúkaári?	´Ni mwaabá múyifise ´ni vyiizá.

wewé	Urafís$_e$ wewé?	´Ni wabá uyífise ´ni vyiizá.
umúunyu	Urafís$_e$ umúunyu?	´Ni wabá uwúfise ´ni vyiizá.
bó	Barafís$_e$ umúunyu?	´Ni baabá báwufise ´ni vyiizá.
amáazi	Barafís$_e$ amáazi?	´Ni baabá báyafise ´ni vyiizá.
mwéebwé	Murafís$_e$ amáazi?	´Ni mwaabá múyafise ´ni vyiizá.
uburiri	Murafís$_e$ uburiri?	´Ni mwaabá múbufise ´ni vyiizá.

Exercise 3. Subject and object prefixes.

	'Don't you drink beer?'	'I drink it.'
wewé	´Ntuunyw$_{\acute{a}}$ inzǒga?	Ndayínywa.
mweebwé	´Ntimunyw$_{\acute{a}}$ inzǒga?	Turayínywa.
wé	´Ntaanyw$_{\acute{a}}$ inzǒga?	Arayínywa.
bó	´Ntibanyw$_{\acute{a}}$ inzǒga?	Barayínywa.
uyu muúsi	´Ntibaanyooy$_e$ inzogá uyu muúsi?	Baayinyóoye.
wé (3 sg.)	´Ntiyanyooy$_e$ inzogá uyu muúsi?	Yaayinyóoye.
wewé	´Ntiwanyooy$_e$ inzogá uyu muúsi?	Naayinyóoye.
ejó	´Ntiwanyóoy$_e$ inzogá ejó?	Naráyinyóoye.
wé	´Ntiyanyóoy$_e$ inzogá ejó?	Yaráyinyóoye.
bó	´Ntibaányooy$_e$ inzogá ejó?	Bárayinyóoye.
[future]	´Ntibazóonyw$_{\acute{a}}$ inzogá ejó?	Bazooyinywa.
wé	´Ntazóonyw$_{\acute{a}}$ inzogá ejó?	Azooyinywa.
wewé	´Ntuzóonyw$_{\acute{a}}$ inzogá ejó?	Nzǒoyinywa.

Exercise 4. Random substitution.

Uyu ´n$_i$ umugeenzi waanje Mariyá.	This is my wife Maria.
Uyu ´n$_i$ umukoóbwa waanje Mariyá.	This is my daughter Maria.
Uyu ´n$_i$ umukoóbwa wa mugeenzaanje.	This is the daughter of my friend.
Twaajaanye n$_a$ úmukoóbwa wa mugeenzaanje.	I/we went with my friend's daughter.
Twaajaanye na úmugŏre náabáana baa mugeenzaanje.	We went with my friend's wife and children.
Twaajaanye n$_a$ ábaándi.	We went with the others.
Twaajaanye na daatabuja.	We went with the boss.
Uráazi daatabuja?	Do you know the boss?
Uráaz$_i$ umugeenzi waanje Mariyá?	Do you know my wife Marie?
Uyu ´n$_i$ umugeenzi waanje Mariyá?	This is my wife Maria.

Exercise 5. Indicative /-zoo-/tense vs. relative /-zoo-/tense vs. subjunctive of the same verb.

Azooshika kuturaab$_a$ i muhĭra.	He'll come to see us at home.
Yohaán$_i$ avuze k$_{\acute{o}}$ azooshíka kuturaab$_a$ i muhĭra.	John says he'll come to visit us at home.
Vyooba vyiizá ng$_o$ ashiké kuturaab$_a$ i muhĭra.	It would be nice if he would visit us at home.

Bazooja kuroondera mu máangaziíni.	They'll go to look for [something] in the shops.
Yohaán$_i$ avuze kó bazóojá kuroondera mu máangaziíni.	John says that...
Vyooba vyiizá ngo bajé kuroondera mu máangaziíni.	It would be nice if...
Bazoorer$_a$ abáana néezá.	They'll raise the children well.
Yohaán$_i$ avuze kó bazóorér$_a$ abáana néezá.	John says that...
Vyooba vyiizá ngo barer$_{\acute{e}}$ abáana néezá.	It would be nice if...
Nzoosubirayó vubá.	I'll return there soon.
Yohaán$_i$ avuze k$_{\acute{o}}$ azóosúbirayó vubá.	John says that he'll return there soon.
Vyooba vyiizá ng$_o$ asubíreyó vubá.	It would be nice if he would return there soon.
Tuzooja kutéembeera mur$_{\acute{i}}$ iyi miísi.	We are going to go take a trip during these [next few] days.
Yohaán$_i$ avuze kó tuzoojá kutéembeera mur$_{\acute{i}}$ iyi miísi.	John says that...
Vyooba vyiizá ngo tujé kutéembeera mur$_{\acute{i}}$ iyi miísi.	It would be good if...

Nziiga caane mur$_{\acute{i}}$ iyi miísi.	I'm going to study hard in these [next few] days.
Yohaán$_i$ avuze k$_{\acute{o}}$ aziíga caane mur$_{\acute{i}}$ iyi miísi.	John said that...
Vyooba vyiizá ngo yiigé caane mur$_{\acute{i}}$ iyi miísi.	It would be good if...

Imvúr$_a$ izoogw$_a$ ejó.	It's going to rain tomorrow.
Yohaán$_i$ avuze k$_{\acute{o}}$ imvúr$_a$ izóogw$_{\acute{a}}$ ejo.	John says it's going to rain tomorrow.
Vyooba vyiizá ng$_o$ igw$_{\acute{e}}$ ejo.	It would be nice if it would rain tomorrow.

Exercise 6. Concord with a demonstrative and an adjective, but not with /arí/.

	'This table, for instance, do you think it's nice?'
aya méezá	Nk$_a$ áya méezá, ubon$_a$ arí meezá?
aka kazi	Nk$_a$ áka kazi, ubon$_a$ arí keezá?
aha haantu	Nk$_a$ áha haantu, ubon$_a$ arí heezá?
i Bujuumbura	Nk$_a$ í Bujuumbura, ubon$_a$ arí heezá?
iri iseénge ry$_a$ ínzovu	Nk$_a$ ír$_i$ iseénge ry$_a$ ínzovu, ubon$_a$ arí ryiizá?
izi nyégamo	Nk$_a$ ízi nyégamo, ubon$_a$ arí nziizá?
amasǎka	Nk$_a$ ámasaká, ubon$_a$ arí meezá?

inzǒga	Nk$_a$ ínzogá, ubon$_a$ arí nziíza?
indeége	Nk$_a$ índeége, ubon$_a$ arí nziíza?
inó	Nk$_a$ ínó, ubon$_a$ arí heezá?

Exercise 7. 'Future' vs. 'future perfect'.

	'We'll see one another later.'	'We'll be seeing ('will be we-having-seen') one another.'
kubónana	Tuzoobonana.	Tuzooba túbonana.
kujaana	Tuzoojaana.	Tuzooba tújaana.
gukóra	Tuzookorana.	Tuzooba dúkorana.
kubáana	Tuzoobaana.	Tuzooba túbaana.
	'We will live together.'	'[At that time] we will be living together.'
kurima	Tuzoorima mu myóonga.	Tuzooba túrima mu myóonga.
gutéembeera	Tuzooteembeera.	Tuzooba dúteembeera.
gushika	Tuzooshika.	Tuzooba dúshitse.
guhéza	Tuzoohez$_a$ ako kazi.	Tuzooba dúhejeje ako kazi.
kugeenda	Tuzoogeenda.	Tuzooba túgiiye. (twáagiiye)
kuryá	Tuzoorya.	Tuzooba túriiye.
kwóoza	Tuzookwooz$_a$ amasáhaáni.	Tuzooba twóogeje amasáhaáni.
gushúusha	Tozooshuush$_a$ amáazi.	Tuzooba túshuuhij$_e$ amáazi. ('we will be boiling water') Tuzooba twáashúuhije amáazi. ('we will have boiled the water, but it may no longer be hot')

In the next to last line of the above exercise, the /zoo/ form of /kwóoza/ should, according to the rules, be /tuzooza/, but this is identical in form with the same form of /-za/, meaning 'we will come'. For this reason, many speakers of the language employ the form /tuzookwooza/ in place of /tuzooza/ when the verb is /-óza/.

Exercise 8. Indicative vs. autonomous forms of the /zoo/ tense.

	'They'll come.'	'Those who will come are few.'
	Bazooza.	Abazóozá ´si beénshi.
kugeenda	Bazoogeenda.	Abazóogéenda ´si beénshi.
kwaandur$_a$ iyo ngwáara	Bazaandur$_a$ iyo ngwáara.	Abazáandur$_a$ iyo ngwáara ´si beénshi.
kwúumva	Bazuumva.	Abazúumva ´si beénshi.
kwaambara	Bazaambara.	Abazáambara ´si beénshi.
kudúuga	Bazooduuga.	Abazóodúuga ´si beénshi.
gufásha	Bazoofasha.	Abazóofásha ´si beénshi.
kugaruka	Bazoogaruka.	Abazóogáruka ´si beénshi.
kumuhema	Bazoomuhema.	Abazóomuhéma ´si beénshi.
kubábarira	Bazoobabarira.	Abazóobabárira ´si beénshi.
gukina	Bazookina.	Abazóokína ´si beénshi.
kuréengaana	Bazooreengaana.	Abazóoréengaana ´si beénshi.

Practice conversations.

1. A conversation in which A invites B. B asks whether he can bring his family. A says he didn't know B was married. B says he has been married for two years. A asks if they have children. B says they have a little boy. A says bring them along, etc.

2. A conversation in which A invites B. B says he can come if he doesn't have to work that day. A asks when B will know for sure. B says he will let him know Friday.

3. B tells C about his visit to A's home. [Use the content of the basic dialogue for this.]

Free conversation.

1. Invite a friend to visit you. Make necessary arrangements concerning time, and give him clear directions for finding your place.

2. You have just bought a souvenir of Burundi, and discuss its merits with a friend.

UNIT 26

BASIC DIALOGUE [The student should try to use the first version of the dialogue, imitating and later reading aloud. He should then write the tone marks, checking by reference to the second version (pp.414-5).]

1.

1A	N$_{i}$ amaki ga ntuu?	What's the matter?
	-pfáana (-pfáanye)	to belong to the same kin group
	[cf. -pfá (-pfúuye)]	to die
2B	Ntubona k$_{o}$ umuduga wampfaanye?	Don't you see that the car died on me?
3A	Haapfuuy$_{e}$ iki nkagufasha?	[Tell me] what part is out of order ('has died') and I'll help you.
4B	Amaazi yaamperanye.	It's out of water. ('The water has become exhausted for me.')
	-búra (-búze)	to miss, lack
	umuhana (3, 4)	the area around a dwelling
5A	Ukabur$_{a}$ amaaz$_{i}$ uri mu mihana?	And you lack water, [even though] you [are] in a village?
6B	Noogira nte ko bataanzi?	What should I do [since] (that) I am not known ('they don't know me')?
	-saba (-savye)	to ask
7A	Hiinga nje kuyagusabira.	Let me go and ask for it on your behalf.
8B	Ntabaara mugeenzi waanje.	Help me, my friend.

	-akiira (-akiiriye)	to take from someone
9B	Akiir$_a$ usukemwo.	Take it and pour it in.
10A	Urakoze caane.	Thank you very much.
	-kíra (-kíze)	to recover from illness
	-ca plus participial verb	to do right away
11B	Noon$_e$ ub$_u$ iciiy$_e$ ikira?	Is it all right now?
	ime (or: /me/)	yes
	-unguruza (-unguruje)	to give a lift
12A	Ime. Urora heehe nkakwuunguruza?	Yes. Where are you going, and I'll give you a lift.
13B	Wew$_e$ urora heehe?	Where are you going?
14A	Ndoy$_e$ i Muraamvya.	I'm on the way to Muramvya.
	-geza (-gejeje)	to cause to arrive
15B	Ntabaar$_a$ ungeze mu Bukeeye.	[Would you] please drop me off at Bukeye?
	-ínjira (-ínjiye)	to come in to
16A	Injira tugeende.	Get in [and] let's go.

2.

	-néezerwa (-néezerewe)	to be pleased
17C	K$_o$ utaneezerewe n$_i$ amaki?	What's the matter that you are unhappy?

18D	Isaans$_1$ iraamperanye mu muduga.	My car is out of gas. ('The gasoline has run out on me in the car.')
19C	Ntuma nze (or: nje) kuyikugurira.	Send me to buy some for you.
	iriitíro (9, 10 or 6) or: iriitìro	liter
20D	Iriitir$_o$ imwe n$_1$ amaher$_a$ angaahe?	How much is one liter?
21C	N$_1$ amaher$_a$ indwi gusa.	It's only seven francs.
	-íhuuta (-íhuuse)	to hurry
22D	Ihuute unzanir$_e$ iriitiro (or: amariitiro) cumi.	Go and get me ten liters.
23D	Wataanz$_e$ amahera angaahe?	How much did you pay?
24C	Ni miroong$_o$ indwi gusa.	Only 70 francs.
	impéembo (9, 10)	salary, wage, tip, reward
25D	Miroong$_o$ itatu ni impeembo yaawe.	Keep the change. ('Thirty is your tip.')
	jehó	concerning me
	-áanka (-áanse)	to refuse
26E	Jeh$_o$ umudug$_a$ uraanyaankiye.	My car won't work.

	Ntiwoontabaara?	Would you help me?
22F	Ngutabaaz$_e$ iki?	How ('with what') can I help you?
	-kíriza (-kírije) [applicative of /-kíza/ 'to cure']	to cure for
28E	Uraabe ko wooshobora kuwuunkiriza.	See if you can fix it for me.
29F	Reka ngeze mugabo naanje ntavyo nzi.	Let me try, but I myself don't know [much about] it.
	erega	also [here, an expression of surprise]
30E	Erega birakuunze.	Well! There it goes at last! ('It has just become able.')
31F	N$_i$ aho ngeza kaandi ngira ng$_o$ urashik$_a$ amahoro.	That's all I can do, and I hope you will arrive safely.
	agashíruka búte (12)	fee, tip
32E	Urakoze caane. Noone nguh$_a$ iki ku gashirukabute?	Thank you very much. And what can I give you (as a fee)?
33F	Oya ntaaco. Naanj$_e$ uzoontabaara ni wasaang$_a$ aho biinyaankiriye.	No, nothing. You'll do the same for me if you find me in the same fix.

34E	Urakoze caane. Turabonanye.	Thank you very much. See you later.
	akagáruka (12)	a returning
35F	N_i akagaruka.	Hurry back!

1A N_i amakí ga ntuú?

2B Ntuboná k$_{\acute{o}}$ umudúga wampfaánye?

3A Haapfuuy$_e$ ikí nkagúfasha?

4B Amáazi yaampéranye.

5A Ukabur$_a$ amáaz$_i$ urí mu mihana?

6B Noogirá nte kó bataanzí?

7A Hiingá njé kuyágusábira.

8B Ntabaara mugéenzi waanje.

9B Akiir$_a$ usúkemwó.

10A Urakóze caane.

11B Noon$_{\acute{e}}$ ub$_u$ iciiy$_e$ ikíra?

12A Ime. Urora héehé nkakwuunguruza?

13B Wew$_{\acute{e}}$ urora héehé?

14A Ndoy$_e$ i Muraamvya.

15B Ntabaar$_a$ ungezé mu Bukéeye.

16A Injira tugeendé.

17C K$_{\acute{o}}$ utaneezérewe ´n$_i$ amáki?

18D Isaáns$_i$ iraámperanye mu mudúga.

19C Ntuma nzé (or: njé) kuyíkugúrira.

20D Iriitír$_o$ imwé n$_1$ amaher$_a$ angáahé?

21C N$_1$ amaher$_a$ indwi gusa.

22D Ihuute unzanír$_e$ iriitíro (or: amariitiro) cúmi.

23D Wataanz$_e$ amaher$_a$ angáahé?

24C Ni miroong$_o$ indwi gusa.

25D Miroong$_o$ itatu ´ni impéembo yaawe.

26E Jeh$_o$´ umudúg$_a$ uraányaankiye. ´Ntiwoontabaara?

27F Ndagutabáaz$_e$ ikí?

28E Uraabé kó wooshobóra kuwúunkíriza.

29F Reka ngezé mugábo naánje ´ntavyo nzí.

30E Erega birakúunze.

31F N$_1$ aho ngezá kaándi ngira ng$_o$ urashik$_a$ amahóro.

32E Urakóze caane. Nooné nguh$_a$ ikí ku gashírukabúte?

33F Oya ntáacó. Naánj$_e$ uzoontabaara ´ni wasaang$_a$´ ahó
biinyaankíriye.

34E Urakóze caane. Turabónanye.

35F N$_1$ akagáruka.

1. A special use of the verbal extension /-an-/.

In Unit 22, Note 4 , the verbal extension /-an-/ was described as adding a meaning of reciprocality or mutuality to a verb stem of which it forms a part. That statement does not hold true for the element /-an-/ in these sentences, taken from the dialogue for this unit:

Ntuboná k´o umudúga wampfaánye?	Don't you see that the car has died on me?

[cf. /-pfá/ 'to die']

Amáazi yaampéranye.	The water is all gone, [and this has had an effect on me].

[cf. /-héra/ 'to come to an end']

Isaánsi iraámperanye mu mudúga.	My car is out of gas.

